# Ku Mababa Y'Inuma Yera
Shreveport, Louisiana USA
28 Munyonyo 1965 Ku Mugoroba

1 Rekatwunamike imitwe yacu.

Mwamimwiza, turagushimiye kano kagoroba kubw'isezerano ry'Ukugaruka kw'Umwami Yesu,aho tuzokoranira mu gikorane gihambaye kitazokwigera kigira iherezo,c'umunezero mwinshi n'indirimbo, mu gihe tuzoba turiko turaguhimbaza mu bihebitagira iherezo vyo muri kazoza. Turasavye imihezagiro yawe kur'iki gikoraneuyu mugoroba. Turasavye imihezagiro yawe kur'iri hema, kur'uno mugwi, abungerebawo, abafatanya-bikorwa bawo, abungere bunganizi bawo, n'abandi bose.

Turagusavye ngo Uhezagire aba, Mwami, bafashe ibilometero vyinshi kugira ngo bazemw'iki gikorane, ikiganza cawe c'imbabazi kibabeko igihe bazoba basubiye mu ngozabo. Ubikore, Mwami. Reka duhore duhurira kenshi aha hantu hitwa inzu y'Imana,kugira ngo dusenge. Hezagira abariko baradukurikiranira ku nsamirizi kw'uyu mugoroba,Mwami, biciye kuri terefone. Umuntu wese adakijijwe aronke Yesu Kristo Umukizawiwe, uyu mugoroba; kiza abarwaye bose n'ababababaye, Data, umusavyi wawe aring'aha kubw'igikorwa, mw'Izina rya Yesu. Amen.

2 Umwami ahezagire umwe wese muri mwebwe. Ndanezerewe cane kubwo kuba hano kur'uyumugoroba. Ninjiye nyene igihe Mwene Data Ernie yariko araririmba igiterocanyuma c'indirimbo yiwe, Ku Mababa y'Inuma.Mu vy'ukuri amajambo meza, ni nziza koko, kandi ndazi ko—ndazi ko ihuye n'igihe.Rero ubu, turakengurutse cane.

Namwe bantu mwese muriko mukurikirana ku nsamirizi kur'uyu mugoroba hirya nohino mu gihugu, nari nipfuza ko muba hano gusa kugira ngo mubone abiteze, ivyitezwebiboneka mu maso y'abantu mu gihe buzuye mur'iyi nyubako uyu mugoroba; bagiraibihe vyiza.

Turashaka gushimira Mwene Data Jack Moore, na Mushiki wacu Moore, na Mwene DataNolan, Mwene Data Boutliere, Mwene Data Brown, abo bunganizi bose ba hano,ihema ryose, abakozi bose, kubona baradutumiye ngo tugaruke.

3 Vyari…mu vyukuri i…ubwoko bw'i…sinoshobora kuvuga ko vyahuriranye, gusa ni ukubokokw'Imana kwabikoze. Hano hariho Mwene Data umwe yarose inzozi ubushize, ku vyerekeyeiki kintu kiriko kiraba, yavuze ko "nari mpagaze nambaye ipantaro yera, mubwoko bw'ibirato vy'Abahindi." Kandi ukwo nyene ni ko nari mpagaze nambaye igihenahamagara Mwene Data Jack kubw'iki gikorane hano, ukwo nyene neza na neza, (iCarson, muri Kolorado) ibirato vy'Abahindi hamwe n'ipantaro yera ya levi yera; MweneData Leo, nimba uteze amatwi, nari ngiye kubonana nawe mu minota mike. Igikoraneni kwo guca gitangura, mw'uyu mwanya nyene.

4 Ubu ni kuw'Iyinga ku mugoroba; ndazi ko benshi muri mwebwe baza kumara ijororyose bagendesha imiduga bataha muhira iri joro, bamwe muri mwebwe bazogenda mugitondo. Jewe ubwanje mfise urugendo nzomara iminsi ibiri ndiko ndatwaraimodoka. Rero ntiruza—ntituza kubafatira umwanya muremure. Nagerageje kugiraibi umugoroba wo mu bihe vya kera, umugoroba aho Mwene Data Brown, na MweneData Jack, hamwe natwe twese twahora dusengera abarwaye mu myaka yahera, twosengeraabarwaye nk'uko twabikora ico gihe.

Kano kanya, hiyo inyuma murashobora kunyumva? Nguma manura mikoro kuberandasaraye.

5 Kandi rero ndashaka…Ikintu gito gusa, iyo mpanuka ntoya yabaye. Emwe, bariko barambwiramu kanya ko hariho Mwene Data umwe, kumbure ko ari hano mw'iki gikorane uyumugoroba, ava mu madini, hiyo muri Shreveport, ashaka kwumva ivyerekeyeUbutumwa. Rero vyari vyamucanze, ntiyari aho ari buhagarare, nuko amanuka mugisagara. Abona abantu bakoraniye aho, arababaza ati: "Aha ni ho BillyBranham agiye kuvugira ubutumwa?"

Bamwishura bati: "Oya, ni aho Billy Graham ariko avugira biciye—biciyekw'ireresi."

Avuga ati: "Emwe, murantunga, na—nagiye ahatari ho."

Yavuze ko yaduze, aravuga ati: "Noneho Mwami nje hehe?" Yavuze ko yatanguyekugenda adugana mw'iri barabara rikuru. Sinzi ico ari co, hano hariho ishengerorinini aha haruguru. Ibarabara rya Texas. Rero aho hariho umusaraba munini werahejuru y'iryo shengero. Avuga yuko Umwami yamubwiye, ati: "Bandanyaugenda." Avuga…ashitse hariya, harya hariho… Yibwiye ati: "Emwe, hategerezwakuba ari ng'aha, haparikinze imiduga myinshi." Arongera avuga ati: "Umukwen'umugeni baciye baza basohoka mw'ishengero." Iho hari ku mugoroba w'ejo hahise,ni ho habaye ubukwe, narababonye basohoka. Umwami aramubwira ati: "Noneho, niivyo. Uvuye mu madini kugira ngo winjire mu Mugeni, ujane n'Umukwe. " Murabona?Murabona?

6 Nariko nereka umugore wanje, turiko turamanukamw'ibarabara, ukuntu ukwezi n'inyenyeri biri hejuru y'uwo musaraba, mu gihetwariko turaduga ngo twinjire. Ndakeka ko ndiko mbona ibintu bito nk'ivyo,birashoboka ko ari uburyo bwo gushimagiza ukwizera kwanje ku Mana n'igikorwac'ibango ryanje.

Uyu mugoroba nariko ndiyumvira, muri Tucson, birashika ko Victor Le Doux, yariUmufaransa…ni Umufaransa wo kw'itsitso. Ndizera ko nababwiye ejo bundi, koigihe nari ndangije kuvuga, ngerageza gutandukanya amadini n'Ubukristonyabwo…Hanyuma umugabo umwe yariko arampa…amera nk'uwunganiriza gato kuri vyo, akomokamw'ishengero rizwi cane ry'idini rya Pentekote.

Hanyuma rero Danny Henry, ngira ngo ni muvyara w'umukinyi w'amareresi canke ikintunk'ico, we yari Umubatiste, rero aza yiruka ku ruhimbi, maze ankikiza amabokohejuru ambwira ati: "Mwene Data Branham, nibaza ko ibi bitumvikana nkokuvuga ibitemewe, ariko ivyo vyoshobora kuba igice ca 23 c'IvyahishuriweYohana." Igihe yatangura kuvuga ibindi, aca atangura kuvuga mu ndimi.

Kandi ibi, Abafaransa batatu: Umugore w'umufaransakazi, umugore munini, avyibushecane, asa n'uruyobeyobe akomoka i Louisiana, ashobora kuba yicaye hano kuri uyumugoroba, yaravyanditse ku rupapuro ivyo yavuze; noneho Victor Le Doux, umukoziw'Imana, yanditse ibintu nk'ivyo nyene, hanyuma bagereranya ivyo banditse, cankebari bagiye kubikora; umugabo w'imishatsi isa n'umujumbu, hafi igomba gusa n'umuhondo,yari ahagaze inyuma kure, yari kure imyuma hashoboka, na we aca araza, ashakakubona ivyo bari banditse, yari umusobanuzi w'Igifaransa muri ONU. Kandi izonyandiko uko ari zitatu zari zimwe.

Ubwo bugishwa bwavuga ngo:

Kubera wahisemwo iyi nzira igoye, wayihisemwo,wafashe…wayihisemwo kubwo guhitamwo kwawe bwite…

Kukoivyo turabizi. Mose yategerezwa kugira uguhitamwo kwiwe. Vyavuga ngo:

…iyi ni nzira itomoye kandi y'ukuri NI YONZIRA YANJE.

Kandi mbega ingi—mbega ingingo nziza wafashe!

Avugango:

Kubw'ivyo, umugabane munini w'Ijuru urakurindiriye.

Kandi ico nyene ubwaco ni co kizotuma, kandi kivemwoya ntsinzi y'agahebuza mu rukund rw'Imana.

Abo batatubari banditse bimwe. Niyumviriye yuko nari ndabifise muri Bibiliya uyumugoroba, ariko ntavyo nazanye, urupapuro rwavyo rwo ku nkomoko.

7 Danny Henry ntazi, ni nkanje, nta congereza ciza azi, azi igifaransa conyene. Kandi hamwemwitegereje aho, ni nk'aho mu rurimi rw'igifaransa bashira irivuga imbere y'ingereka.Kandi insobanuro y'abo bitatu bose yari imwe neza na neza.

Danny Henry, mugihe kanaka giheze, akora…Danny ashobora kuba ariko arakurikira kw'uyu mugoroba.Victor Le Doux birashoboka ko na we nyene ariko arakurikirana, kuko ndatahura kw'arimuri Tucson. Na mwebwe bantu muri Tucson kw'ishengero, kw'ihema, Ihema ry'iTucson aho umwungere w'aho ari Mwene Data Green; Mwene Data Victor Le Doux,ndazi kw'ari mu bikorane vyo mu mahema epfo ya Park Avenue hashika kw'ibarabararikuru rya 80, uje kw'urwo ruhande. Nimwajayo ejo ku mugoroba hamwe n'umugorobauzokurikira, igihe cose azomarayo, muzoje kumwumviriza; Danny ashobora kuba arikumwe na we. Kandi birashoboka ko bariko barakurikira mw'iryo hema uyu mugoroba,nta vyo nzi.

8 Inyumay'ivyo, Danny yaciye aja i Yerusalemu, maze avuga ko yari aryamye aho mu mva kuburiri…ku buriri bw'urutare hamwe haryamikwa ikiziga ca Yesu imbere gatoy'izuka ryiwe. Avuga ko giturumbuka naciye ndamuza mu vyiyumviro; avuga yaciyeyiruka asohoka, atangura kurira, asohoka hanze. Yaciye yerekezwa…Ni umuntu akoraibintu mu mabuye; nashaka kuvuga ko aconga amabuye. Yavuze ko yagiye aho bavugako ari ho umusaraba wari ushinzwe, ahita akuramwo…yaciye akubita akuramwo ibuyeritoya ringana nka… yewe, nka santimetero zibiri, canke ikintu nk'ico; arishiramu mufuko, yumvise ashimishijwe no kurizana muhira.

Amaze kubikora,ikintu kanaka kimubwira giti: "Koreramwo Mwene Data Branham amabuto yo kumaboko abiri." Rero arishira muri aside, maze rica rihindura ibara riva kubaibuye risanzwe risa rihinduka n'akabuye ka yasipi gasa n'agahama. Maze akoramwoamabuto yo kumaboko.

Hanyuma igiheyayampa, ntavyo yari yabibonye, arikohagati ya buri buto harimwo umurongo ugororotse, ufunganye. Navyambaye kuri uyumugoroba, mu gusengera abarwaye. Murabona, a—akabuye ka yasipi gasa n'agahama,nk'amaraso atonyanga; hamwe n'umurongo ugororotse, ufunganye uca hagati. Nezana neza ivyo ubuvugishwa bwiwe bwavuze, "inzira igororotse kandiifunganye"; murabona, mur'ubwo buvugishwa. Narabimweretse.

Danny, nimbauriko wumviriza uri hano, wewe canke Mwene Data Le Doux, umwe muri mwebwe, uyumugoroba uza kuba umugoroba wo mu buryo bwa kera aho dutegerezwa gusengera

abarwaye.Ndanezerejwe no kugendera mur'iyi nzira igororotse, ifunganye, inziray'Ubutumwa Bwiza, inzira y'Ijambo, hamwe n'Umwami wacu Yesu Kristo.

9 Imana ibahezagire mwese. Rero, birahimbayecane kuvugana namwe, mfashe umwanya mwinshi noca ndababafatira umwanya munini.Billy yavuze ko hari abantu bari hagati y'amajana atatu n'amajana ane bategerezwagusengerwa, bityo rero ntegerezwa kwihutisha ubutumwa bwacu vuba bishoboka,hanyuma dusengere abarwaye.

Noneho, ku bantubo muri Arizona, umugoroba wo kuwa Gatandatu uza, tuzoba turi hariya ku (sincibukaizina ry'ico gisagara) Yuma, Arizona, kuri ya mazimano. Hanyuma y'aho, muriCaliforniya, ni ho tuzobandaniriza ubwo nyene mu gitondo kuw'Iyinga, muri LosAngeles hamwe n'ahantu twateganijwe kuzoja.

Uyu mugoroba,nshaka gutora igisomwa mu Vyanditswe.

10 Hagati aho, uyumunsi nari nicaye muri kafetariya, Cafeteria ya Morrison; nari kumwe na MweneData Jack, umugore wiwe, n'umugore wanje. Twagiye kuri Cafeteria ya Morrisonkugira ngo tumarane umwanya muto, ntitwari bwasohotse, abo bagore ntibaribwigere babonana. Hari umusore yaciyeantumbera, yitwa Green, ni se wa Mwene Data Pearry Green. Yavuze ati: “Urazi, MweneData Branham, umugoroba umwe wariko uvuga ku mubano witwa 'johnny pin'.” Muvy'ukuri ni…Ni iki? Umubano w'umushatsi. Yavuze ati: “Wariko uvuga ku mubanowitwa 'johnny pin,'” yavuze ati: “Nakuronkeye uwo mubano witwa 'johnny pin.'” Acaarawumpa.

Rero, uyo ni umubano wo mu bwoko bwa “johnny pin,” bakenyezi, ntimuzowukoreshemu mishatsi. Umubano wo mu bwoko bwa “johnny pin,” yavuze ko yari amaze imyakaawukoresha mu gufatisha impapuro za Bibiliya. Yavuze rero ati: “Ngirandaguhe umubano wo mu bwoko bwa 'johnny pin' nyawo.” Rero Mwene Data Greennimba uri hano ahantu kanaka canke uriko urumviriza ahantu kanaka, uyu mu'johnny pin' ni mwiza, uragumya impapuro neza.

11 Noneho turashaka kwinjira mu Vyanditswe aka kanya nyene. Kandi ndashaka ko muzinguruananje kuri Zaburi ya 55, hanyuma no muri Matayo 3. Kandi icigwa canje uyumugoroba ni ca citabirizo ca Mwene Data Ernie: Ku Mababa y'Inuma Yera. Kubera ko nasezeranye ubu butumwa kandinkaba ntaza gushobora gukora manote yose hamwe n'Ivyanditswe vyose mfise hano,nza gusa nsimba bimwe muri vyo.

Umwami niyabishaka, i Yuma ku wa Gatandatu uza, ndashaka kuzokwigishwa kuri:Ibisabwa Kubw'Izamurwa, Umwami niyabishaka.

12 Muri Zaburi 53…Murantunga, Zaburi ya 55.

Tegaugutwi…(Murambabarira? 55, egome, mushingantahe.)

Mana, tega ugutwi ugusenga kwanje, ntiwihisheukwinginga kwanje.

Zirikana unyumve, unyishure;

Nembembeshwa n'amagogwa yanje, ndaniha.

Kubw'ijwi ry'umwansi, kubw'agahahazo k'abanyakibi.

Kuko bandundakw'amagorwa, baka mpigana inzigo.

Umutima wanje umbabariza cane imbere,

Ubwoba bwinshi bw'urupfu bunguyeko.

Gutinya n'ukuja mu gatengo binshitseko,

Ngwishijwe igihumura n'ugucika ivutu.

Ndavuga nti'Icompa nkagira amababa nk'inuma!

Mba ngurutse nkaruhuka!

Raba mba nyerereye nkashika kure,

Nkarara mu bugaragwa. Sela.(Sela bisobanura «Amen.»

13 Dawidi,umukunzi w'ubugaragwa, igihe yari afise agahinda, abantu ntibashake kumwemera,kandi abansi bari bamutumbereye, aravuga ati: “Iyo mba mfise amababa y'inuma, nariguca nigurukira nkaja mu bugaragwa maze nkigumirayo.” Ni kangahe niyumviriye ikintunk'ico nyene! Iyaba nari nshoboye kumanura inkoho yanje ku rukuta, igikapocanje co mu nkambi, nkigira mu bugaragwa ubutakigaruka. Narabajije Umwami nimbanshobora kubaho gushika mbonye uwo munsi…Sinshaka na na gato igikorwa

c'amaziko,navuze nti: "Iyaba nari nshoboye gusohoka nkigira mw'ishamba ahantu kanaka, nkamanika'Blondinee' wa kera ku giti,…"

Iyo ni yankoho yanje, murambabarira, ivyo nda—nda—ndabivuze kubera umugore wanje yicayeharya. Murazi, iyo nkoho, ni Mwene Data umwe wa hano yayimpaye mu myaka yahera,nayicishije ingeregere mirongo itanu na zitanu, ntahushije na rimwe, zimwe murizo ziri ku metero amajana indwi kugeza kumajana umunani. Ndayita "Blondine"kubera ko umugore wanje afise amaso y'ubururu, rero avuga ko niyumvira kur'iyonkoho kuruta uko ndamwiyumvira. Ariko…

Rero jewe narinifuza kuyimanika hejuru ku giti, nkavuga nti: "Mwami, reka Joseph azoyitoreumunsi umwe." Ndakunda gufata amababa y'inuma nkigurukira.

Ariko nk'igihekimwe ndi mu misozi ndiko nitegerezwa inkona, mbona iguruka (murazi inkuru yanjekur'ivyo), navuze nti: "Ni vyiza kuba hano, Mwami; nka kumwe Petero yavugango 'twokwubaka amahema atatu.' Ariko hepfo y'umusozi, abarwaye n'abababayebararindiriye, abazimiye n'abari ku mpfiro bararindiriye." Reka rero dukore ivyodushoboye gukora mu gihe hakiri ku murango, kandi har'igihe hazoba…amababay'Inkona yera azomanuka, Azodutwara.

14 Aka kanya muri Matayo 3:16, nashaka gusoma 16 na 17.

Yesu amaze kubatizwa aca ava mu mazi: maze Ijururiruguruka, abona Mpwemu w'Imana amanuka asa n'inuma, amugwako.

Buno rer'Ijwi riva mw'Ijuru, rit'Uyu ni We Mwana wanjenkunda akampimbara. (Mu yandimajambo, "Uwo mpimbariwo kubamwo.")

15 Noneho dushaka kuvuga iminota mike kur'iyi nyoni. Inuma yamye ari imwe mu nyoninkunda. Kandi wiyumviriye ku numa, inuma mu vy'ukuri ni…kandi intunguru ni iyo nyoninyene. Intunguru ni inuma y'intungano. Zompi ni umuryango umwe. Naragizeubushakashatsi nsanga ni umuryango umwe. Intunguru n'inuma, zompi ni umuryangoumwe. Ingeso z'izi nyoni ni iz'umwihariko.

Narigishije hano, mu myaka mikeya ishize, mu gikorane co mu mahema hanze hanohamwe na Mwene Data Moore, kuri: UmwagaziBe W'Intama N'Inuma. Ndakeka yuko mwese muvyibuka; n'ukuntu burya inuma ariyo nyoni isukuye cane dufise, hanyuma umwagazi w'intama kikaba igikoko ciyorohejecane dufise. Vyompi ni inyoni n'igikoko vy'ibimazi.

16 Mbega ukuntu bigereranijwe neza cane hano kubona Yesu ari We Mwagazi w'Intama,Imana na yo ikaba Inuma. Kandi inuma ntiyari kugwa ku mpfyisi, kamere yayo ntibihuye.Ntiyari gushobora kugwa ku mbwa, kamere yayo si nziza. Hategerezwa kuba kumwagazi w'intama; izo kamere zibiri zategerezwa kuba zisa. Kandi uko ni kodutegerezwa kumera, kamere yacu itegerezwa guhinduka ikava kuba umunyavyahaakankama ikaba ubwiyoroshi bw'umwagazi w'intama.

Kandi mwarabonye yuko Inuma yarongoye Umwagazi w'intama? Kandi nimurabe, Umwagaziw'Intama warahevye ivyo wari ufise vyose ubiha Inuma. Kandi nimurabe aho Inumayawurongoreye: ku kubambwa kubw'ivyaha vyacu twese.

Rero, Inuma y'i… Imana yashaka kugereranya Umwana wayo, Yagereranywa n'igikokogisukuye kandi ciyoroheje kw'isi, ikiremwa co kw'isi; ariko igihe Imana yigereranyamu kirere, Yigereranije n'inyoni yiyoroheje kandi isukuye ibaho mu kirere,inuma.

17 Rero, inuma ziratandukanye, hariho ubwoko bwazo bwinshi butandukanye. Mu bisanzweintunguru zacu har'ukuntu zisa n'inyoni zisa z'umunyota. Hanyuma hariho inumaicura intimba, hanyuma hakabaho inuma yo ku kagoroba. Hariho kandi n'inuma yitwasonora dufise muhira, ni akanyoni gato gasa n'umunyota; inyoni ntoya ifiseimirongo itukura ku mababa yayo. Hari ubwoko bwinshi bw'inuma, hamwe ziratandukanyemu mabara. Ni co kimwe ku ntunguru.

Rero, inuma ni inyoni iremwe ukuntu kw'akabarorekubera akamenyero kayo, ku buryo idashobora kurya ikintu cose gihumanye; ntishoborakubirya gusa, kuko ntiremwe kubwavyo.

18 Na none, nahoze mvuga ko inuma ari ikimenyetso c'Imana, hanyuma igikona kikabaikimenyetso c'indyarya. Igikona kirashobora guhagarara ku muvyimba wa kera hanyumakikawurya, umunsi wose, maze kigaca kiguruka kikaja mu murima kunoba ingano hamwen'inuma. Ariko inuma irashobora kurya ingano neza, ariko ntishobora kurya umuvyimbawapfuye. Murabona? Ntishobora kubikora gusa, umushishito wayo ntushobora kubisya.Kandi naribajije impamvu itari ishoboye kubikora; vyombi ni ibiguruka, zompi niinyoni. Ariko kubera iki? Ni uburyo ziremwe.

Uko ni ko Umukristo w'ukuri ameze. U…Umukristo w'umunyedini gusa arashobora gutoraibintu ivyo ari vyo vyose, ariko Umukristo w'ukuri yavutse ubwa kabirintashobora gutora ibintu vy'isi. Aremwe ugutandukanye.

19 Nasanze inuma idafise indurwe. Nta ndurwe iri mu numa kuko ntayo ikeneye.

Ukwo rero ni ko bimeze ku Mukristo, nta mururazi n'umwe akeneye, murabona, kukoashobora kurya Imfungurwa z'Imana gusa. Kandi ntibisaba umururazi mu kubisya; bisabaurukundo, murabona, nuko rero we…mu gusya ibifungurwa. Umururazi: "Ôo," bavugabati: "erega…" baratandukanye na Ryo. Ariko urukundo buri gihe ruraryakira,Ijambo ry'Imana.

49Noneho, nta ndurwe ifise, kubw'ivyo rero ntiyoshobora…biranyuranye na yo kuryaikintu cose kibi. Kandi hamwe ibikoze, vyoca biyihitana. Ariko nta kaga, ntavyoizrya (uh-huh), kuko nta kayabagu ibifitiye.

20 Kandi uko ni ko bimeze ku Mukristo w'ukuri.Mbega mwari muzi yuko Umukristo w'ukuri ata caha na kimwe kimuharurwako na gato?Dawidi yavuze ati: "Hahirwa umuntu Imana itazoharurako icaha." Iyo wogejwe mu Marasoy'Umwagazi w'Intama (atari kubwo kwigira uwizera, ariko mu vy'ukuri ya—ya Marasoya Wa Mwagazi w'Intama), Imana ntiguharurako ikintu na kimwe cakozwe, kuko urimusi y'Amaraso kandi ntavyo Ibona. Hariho Ikimazi c'Amaraso; ikintu conyene Ishoborakukubonamwo, ni kumwe Yakubonye imbere y'ukuremwa kw'isi igihe Yashira izinaryawe muri ca Gitabo c'Ubugingo ca Wa Mwagazi w'Intama. Ivyo ni vyo gusa Ishoborakuraba, kuko wacunguwe mu bintu vyose vyigeze gukorwa, wogejwe mu Maraso ya WaMwagazi w'Intama. Kubw'ivyo rero nta ndurwe ikurimwo, nta ngeso ihumanye ikurimwo,kuko Amaraso ya Wa Mwagazi w'Intama yarabikoze; kandi Imana ntishobora kuguharurakw'icahainyuma yo kuba ufise ikimazi c'ivyaha kir'aho kikurindiriye.

Uragira uti: "Erega Mwene Data Branham, ivyo bimpa umwidegemvyo mwinshi ubwo, nshoboragukora ico nshatse." Ni vyo nama nkora; igihe cose. Ariko iyo umuntu ashoboyekubona mu vy'ukuri ivyo Yesu yamukoreye, hanyuma agahindukira agakora ikintukinyuranye na vyo, vyerekana ko atigeze yakira Kristo.

21 Ndafise umugore muto yicaye hariya inyuma. Ndamurusha imyaka icumi, kandi afiseimvi nkanje. Impamvu ni kubera ko yahagaze hagati yanje n'i—n'isi yo hanze. Hamwengiye mu mahanga, kandi nkaba…Mbega ntiwoba ari umuryango w'akabarore hamwenkoranije umuryango wanje hafi yanje maze nkavuga nti: "Raba ng'aha, MukaBranham, ni ngombwa ko umenya yuko uri Muka William Branham. Ntuzokwigere ugiraabandi bagabo mu gihe ngiye. Ntuzotumbereze amaso ku wundi mugabo uwo ari wewese," hamwe n'ivyo vyose. Ati: "Ntuzogire ibintu vy'imiburutano na gato. Niwabikora,ninagaruka tuzoca twahukana."

Na we yohindukira, akavuga ati: "Noneho, mugabo wanje mwiza, nanje hari ico nshakakukwibwirira. Ntuzogiranire ubugenzi n'umugoire n'umwe mu gihe ugiye. Ntuzore ibi na biriya. Niwabikora, uze wifate nk'uwahukanye niwagaruka mu rugo."

None burya uwo woba ari umuryango urimwo urukundo? Murabona? Oya! Nimba kokondamukunda… Nubwo nizera ko ndamutse nkoze ikosa nkanyerera nkakora ikintu kibi,ndizera ko yombabarira kuko ankunda. Kandi hamwe abikoze, ndizera ko nomubabarirakubw'ivyo; koko, kuko ndamukunda. Ariko nimba ndamukunda gurtyo, igihe cosendamukunda gurtyo nta mpungenge agira. Nubwo yombabarira, sinomubabaza no mukintu na kimwe. No—no—nokwiyumva nk'umuntu yagirwa kurusha abandi kw'isi, sinoshoborakurindira umunota nomubwira ku vyo nakoze, kuko ndamukunda. Erega, ivyo… Hamwendamukunda n'urukundo rwa filewo nk'urwo,ni gute biheza bikarushiriza hamwe n'urukundo rwanje rwa agapawo kuri Yesu Kristo?

22 Nubwo nshobora kunywa itabi, ntavyo nigeze mu buzima bwanje; ariko nubwo nobishaka,Ashobora kumbabarira kubw'ivyo, ndizera ko Yobikora. Hamwe mfashe ikiboreza,ntavyo nigeze mu buzima bwanje, ariko ndizera ko yombabarira kubw'ivyo. Kandindamukunda cane, (Mana, umfashe) Sinshaka gukora ikintu nk'ico, murabona, kukondamukunda. Ivyo bintu vyaramvuyeko, kuko igihe Yampinduye nkava kuba igikonankaba inuma vyarakoze impinduka, akayabagu kanje n'ibindi vyaramvuyeko; nonehoicaha ntikimparurwako kuko ntagamije kubikora, ntibindimwo kubikora.

23 Ubu na ho ikindi kintu gihambaye kur'iyi numa. Niinyoni itangaje. Muramaze kubona inyoni zose…

Imwe mu nyoninkunda cane ni agafundi gatukura mw'izosi. Ubu rero, mwa bahungu mwe murekekurasa kur'ako gafundi kanje, murabona, kubera ko ntashaka ko mubikora. Agafundikanje, murazi ingene vyagenze kugira kagire ku gikiriza hatukura? Murazi,umunsi umwe hariho Umuntu yariko apfira ku musaraba, nta muntu n'umwe yamufasha,Imana yari yataye uwo Muntu, kandi Yari ku mpfiro. Ibiganza vyiwe vyaribiteyemwo imisumari, ibirenge vyiwe n'urubavu rwiwe vyariko biravirirana, yariyambitswe igitsibo c'amahwa, amaraso amutemba mu maso. Hanyuma akanyoni kamwekarengana ng'aho, akanyoni gatoya, kijimye.Maze karavyitegereza, vyari…gacagafata ko kabonye ikintu giteye ikigongwe rwose koba karigeze kubona. Kandi karikazi ko ari akanyoni gatoya, ariko karitegereje ivyo bisumari binini-binini, vy'ububishavy'Abaroma Yari yatewe mu biganza, maze gaca kabikwegesha akanwa gato kako kageragezakubirandura. Igikiriza cako cose cuzura amaraso, kuva ico gihe haratukura. Nanjendashaka ko igikiriza canje kigira inkinzo y'Amaraso yiwe, ndayavugira ninageraaho nzoja kumusanganira. Ndakunda ako gafundi gatoya k'igikiriza gitukura.

24 Ariko murazi,ako gafundi gategerezwa kwiyuhagira; ariko murazi, si ngombwa ku numa; oya. Irafiseamavuta amwe imbere muri yo ayisiga amavuta maze agatuma kugiraiguma isukuye kuvaimbere gushika inyuma. Ivyo murabizi? Inuma irayafise! Inuma ni yo yisigaamavuta. Mwarigeze gufata imwe ngo mwumve karya kamoto keza kuri yo, intungurucanke ikintu nk'ico? Ni ayo mavuta aturuka imbere muri yo. Umubiri wayo urahinguraamavuta agatuma amababa yayo ahora asukuye hanze kuko afise isuku imbere. Ni vyo.Ni inyoni nto itangaje.

Noneho, ndaziko mushobora kuzihiga hano, kumbure, muri Louisiana. Ivyo ntimuze mubikore! Ôo,sinshobora kubikora. Ndakeka ko n'ubwo noba nashonje, ntaco vyoba bitwaye,ariko sino—sinoshobora gukwega imbarutso kur'imwe hamwe bibaye ngombwa.

25 Hariho i…Inumaifise ikintu gikomeye kidasanzwe mu muryango wacu. Umunsi umwe, igihe nyogokuru… Yaje avuye hano ruguru muriKentucky, hafi y'ishamba cimeza rya Cherokee. Yari ku mpfiro, umugore muto,kandi yari…Bari bafise…Nibaza ko bavyita scrofula canke ikintu nk'ico, yari ku mpfiro.Sogokuru apfukama i ruhande y'igitanda; mu gihe Mama, senge Birtie, sengeHowlie, bose bapfukamye i ruhande y'igitanda; marume Charlie, (akiri muto,umuhungu w'imyaka ine) umuhererezi; Mama, yari imfura, yari afise imyaka haficumi n'ibiri. Kandi aho mu gitanda yari amaze gusokoza umushatsi wiwe wirabura,atangura kuririmba ati: "Gitandara c'ibihe, cansaturiwe, reka nihishe muriWewe," igihe yari ku mpfiro. Sogokuru, ico gihe, ntiyari Umukristo.Namubatije afise imyaka mirongo umunani n'indwi, mw'Izina rya Yesu Kristo, kuruzi hamwe Umumarayika w'uhoraho yabonekera.

Ariko igiheyariko aririmba iyi ndirimbo, amaboko yiwe y'intege nke yayakirije, inuma yaciyeiguruka mu muryango; iza hafi, ihagarara ku mutwe w'igitanda, itangura kuguguza.Imana yari itwaye umushaha wiwe.

26 Naragiye i Londre mu Bwongereza ndi kumwe na Mwene Data Jack hamwe na Mwene Data GordonLindsay, hanyuma aho hari umugore yitwa Florence Nightingale (avuga ko ariumwuzukuruza canke ikintu kijanye na nyakwigendera Florence Nightingale) yanyandikiyeamakete menshi. Yari muri Afrika y'Epfo, yari ku mpfiro kubera kansere. Kandiyari afise ifoto; mwarabibonye muri ca gitabu. Sinari bwigere mbona uwupfa nk'uriyamu buzima bwanje. Mwene Data Jack, ndizera ko uwo munsi twari kumwe. Twarinjiyemu nzu y'umukozi w'Imana umwe, mu nzu y'abakozi b'Imana, inyuma y'ishengero ahobari bamuzanye.

Mu gihe twaritukiri hanze…ku kibuga c'indege yamanukiy, baciye baduhamagara n'ivyumabishikana amajwi kure, kandi yari muri ruseh'abaniha mw'uyo mwanya aho; yari yazanywemu ndege kuva—kuva muri Afrika y'Epfo, bari bazi yuko ico gihe nari ngiye kujamu Bwongereza. Umukozi w'Imana amukura kuri ya nzu y'abakozi b'Imana, nukodusubirayo kumusengera.

27 Narabonyeabantu benshi barwaye, ariko amaboko yiwe mato ntiyarenza uburinganire bwasantimetero imwe n'igice, a—agahanga kiwe aho kateranira, wari ushoboye kuhabona.Kandi we…amaguru yiwe kuduga hano hafi y'ikiyunguyungu ntiyarenze ivyo, nkasantimetero zitanu, kari agakankara gusa. Kandi ntiyari ashobora gukirizaamaboko, yari yaraheze cane ku buryo atari ashoboye gukiriza amaboko. Kandi yarikoagerageza kugira ico avuga, gusa sinashoboye kumwumva. Amaherezo ahondavyumviye, ndizera biciye ku muforoma, yavuze ati: "Mwene Data Branham,senga kugira ngo Imana ireke mpfe." Ntiyari ashoboye…ntiyashaka kubaho. Nararavyembona amarira ariko atemba kuruhande rwa ya magufa yiwe mu maso. Aho yakuye amososzi ahagije yo kurira, ntahonzi; kuko imitsi yiwe yari yumye, kandi yari ameze nabi bimwe biteye ubwoba. Kukonari nje gusengera abarwaye, sinari nshoboye kumusengera ngo apfe. Ariko yasank'aho atari gushobora gupfa, ybandanije ariho.

Naciye mpfukama hamwe n'umwungere wanyu, mur'icocumba kugira ngo dusenge. Igihe napfukama kugira ngo nsenge, inuma ntoya ica iragurukaigwa kw'idirisha; itangura kuguguza. Ndangije gusenga, nibajije yuko yari inumay'intungano ya hariya. Hanze hariho ibipfungu, ingene mu Bwongereza hameze, mumazinga y'abongereza ya hariya. Kandi inuma ntoya ica isigaho kuguguza,iraguruka. Naramwegereye ndamurambikako ibiganza nambaza Izina ry'Umwami. Kandiuwo mugore uyu munsi ni umugore munini, akomeye afise amagara meza, ku mababay'Inuma.

Iguma yisukura bivuye imbere muri yo. Ivyo n'Umukristo nawe arabikora, asukura ahereyeimbere. Ivyo bikuraho ububi…Nta ndugwe akeneye yo gusya ico ari co cose, kuko ivyontavyo arya. Murabona? Afise isuku uhereye imbere.

28 Noneho, turabona yuko iyi nyoni…Ibintu vyinshi nanditse hano, ariko isahaikomeza kugenda. Iyi nyoni yaranakoreshwa mw'Isezerano rya Kera mu gutangaibimazi, kubw'impongano no guhumanurwa. Reka tuvuge hano mw'Itanguriro 15:9.Reka twiyumvire kuri uyu murongo akanya gato. Noneho, Aburahamu yari…yabajijweImana hano, ingene Yobikoze. Hanyuma Imana isubiza Ijambo ryayo kuri Aburahamu,maze Ibikora mu buryo butangaje. Duhere amaja…Reka duhere ku murongo wa 1. Ibisinkunda kubitwara ndabihutagiza.

Inyuma y'ivyo Ijambo ry'Uhoraho riza kuri Aburahamumw'iyerekwa,…

Murabona,Aburahamu yari umuvugishwa, yarabona amayerekwa.

NtutinyeAburahamu, ni Jewe nkinzo yawe n'impera ihambaye. (Yehova-Manase, murabona.)

Aburahamu aramubaza ati, Mwa-…ati, Mwami Mana…(Nimurabe, urudome rukuru M, "Mwami Mana." Elohim!Murabona?) Mwami Mana,…(mw'iyerekwa)…Uzompa iki ko ngiye gupfa ata kana nsize,kand'uzotorana urugo rwanje akaba ari Eliyezeri Umunyadamasiko?

Aburahamu arongera ati, Erega nta ruvyaro wampaye,kandi umunyarugo yavukiye iwanje ni we azotorana ivyanje.

Maze Ijambo ry'Uhoraho ryongera kuza kuri we, rit'Uyosi we azotorana ivyawe,…

Muraziko Yari Yaramaze kumuha isezerano. Atari…Murabona, aha nyene Aburahamu yarikuba ananiwe, ariko iryo sezerano ryari iritagira igisabwa; iryo sezerano,ntirigira igisabwa.

…ariko uwuzova mu kara kawe ni we azobitora.(Kandi aha afise imyaka ijana.)

Amusohokana hanze aramubwira ati, Rangamiza urabemw'Ijuru, uharure inyenyeri, namba wobishobora kuziharura. At'Uruvyaro rwawe niko ruzongana. (Umuntu atagiraumwanya, ubu akaba afise imyaka ijana.)

Yizera Uhoraho, maze abiharurwako nk'ukugororoka.

Ni Jewe Uhoraho nagukuye muri Uri i Bukaludaya kugirango nze nguye iki gihugu ucegukire.

Aramubaza ati, Mwa-…Mwami, nako Mwami…icomenyesha yukonzocegukira ni ikihe?

Ubu rero mwumve ibi.

Aramubwiraati, Abira inka y'ishuri imaze imyaka itatu, n'impene ivyara imaze imyakaitatu,…(nimurabe gatatu ng'aha, «zimaze imyaka itatu ») n'impfizi y'intamaimaze imyaka itatu nyene, n'intunguru imwe n'icana c'inuma. (Izo zibiri ni izomu muryango umwe, zompi ni zimwe. Murabona, zarakoreshwa mu bimazi, kukozagereranya Yesu.)

29 Iryo sezerano ryatanzwe…Muribuke ingene yabihimbuyemwo kubiri, n'ingene iyintuzeye…

Mu bisanzwe, mu bihe vya kera, igihe baba bafashe…mu kugiranira amasezerano, barafatabakandika a—amasezerano. Hanyuma bagaca bica igikoko, bagaca bahagarara hagati y'ibicebibiri vyaco; bagaca bataburamwo kubiri urwo rupapuro rw'amasezerano, umwe agatwaraigice kimwe…

Nk'uko amamangazini amesura impuzu y'abashinwa yakunda kubikora. Uwo Mushinwang'aho, ntiyari ashoboye kwandika icongereza, nuko yarandika ng'aho agacaatabura urupapuro akaguha igice. Mu—muribuka amamangazini y'abashinwa amesaimpuzu igihe babikora. Nawe…Izo—izo mpande zomii zategerezwa guhuzwa, kugira ngouhabwe impuzu yawe. Murabona, ntiwari ushoboye kumuhenda, kubera ko yaba afise ikindigice carwo. Ushobora kwongera gukoporora izina ryawe, ariko ntushoboragusubiramwo guconga urwo rupapuro. Murabona? Rero, yategerezwa…vyaba aringombwa ko kiba igice c'urwo rupapuro nyene.

Ubwo rero ni bwo buryo babikoze mu bihe vy'abo mu Buseruko, kera…canke kera canemu bihe vy'abo mu Buseruko. Barashobora kwica igikoko, bagahagarara hagati y'ibicevyaco, bagatabura igice c'urushato rw'impene, umwe agatwara kimwe…Hanyumaamasezerano amaze kwemezwa, baca bahuza ivyo bice kandi vyategerezwa guhuraneza cane.

30 Noneho, ico Imana iriko iramwereka hano ni iki, kuri ivyo bimazi, bivuga kuriKristo; ukuntu Imana yajanye Yesu i Gologota ikamutabagura, ikakira urya mubirimw'Ijuru maze ikaturungikira Mpwemu, umwe Mpwemu nyene yari kuri We ategerezwakuba kuri wewe kugira ngo ahuze hamwe n'uwo Mubiri, kugira ngo abe Umugeni kw'iherezo.Murabona? Murabona? Ni vyo. Murabona? Ntuzoba idini, ubu. Uzoba Ijambo, ico Yari.Murabona?

Ariko nk'uko iryo Jambo ritegerezwa kuza kw'Ijambo, nk'uko bigenda ku gacenkora-mubiri k'umuntu. Murazi, igihe iyo—iyo mibiri yanyu yibumba, ai agacenkora-mubiri kamwe k'umuntu, hanyuma ak'imbwa, hanyuma ak'ingurube. Ôo, oya,oya. Kose ni agace nkora-mubiri k'umuntu. Ukwo ni ko Umubiri wa Kristo umeze, woseni Ijambo ry'Imana. Atari igice caryo gusa, imigenzo kanaka yongewe; oya, Ryoseni Umubiri wa Kristo.

Noneho, dusanga hano yakoresheje intunguru n'icana c'inuma, kuko ari izo mu muryangoumwe. Rero, buri gihe muragira…

31 Nimurabe rero (ndaza kwisunga gusa kuri ibi Vyanditswe bikeya) Abalewi 12,umurongo wa 6. Turasanga hano icagezwe ku mugore co guhumanurwa; mu gihe uwo mugoreyaba yavyaye, yategerezwa

kurindira. Nimba yaba ari umuhungu, yategerezwakurindira iminsi mirongo itatu n'itatu imbere yuko yinjira mw'ikoraniro ajanye n'inuma,kugira ngo ahumanurwe. Nimba yaba yavyaye umukobwa, yategerezwa kurindiraiminsi mirongo icenda n'itandatu imbere yuko yinjira mw'ikoraniro.

Ubu rero, turabibona hano, ku murongo wa gatandatu.

Iminsi y'uguhumanurwa kwiwe niyaramuka ishize, yo kumuhungu canke ku mukobwa, az'azane umwagazi w'intama utarengeje umwakakw'ikimazi co kwoswa, n'icana c'inuma canke intunguru, kw'ikimazi co gutangirwaivyaha, abizanire umuherezi mukuru ku muryango w'ihema ry'ibonaniro:

Murabona, ntashobora kwinjira hataragera kuko iminsi yiwe yaba itararangira,ariko yarashobora kubihera u—umuherezi ku muryango, kubw'ishikanwa ryiwe. Murabona,intunguru canke icana c'inuma. Zompi ni umuryango umwe.

32 Rero ubu yakoreshwa kubw'impongano, no mu mpongano y'icaha, inuma imwe. Canke kumibembe, na yo ikaba ari ikigereranyo c'icaha, wazana inuma zibiri: umutwe w'imwewarakwako, ugaca uyicurika amaraso yayo akajojotera kw'imwe yindi; hanyuma iyoyindi numa igaca irekurwa. Rero igihe iyo numa yaba iriko iraguruka, yamijagirahasi amaraso ya mugenzi wayo, maze ayo maraso agasemerera ku Mana ati:"Uwera! Uwera! Ni Uhoraho Imana!"

Ntushobora kubona Umugenzi wacu ari ku mpfiro, Yesu Kristo? Yarishwe mazedutonyangirwako n'Amaraso yiwe, kugira ngo tugende twidegemvya, dusemerera duti:"Uwera! Uwera! Uwera! Ni Uhoraho." Mbega ikigereranyo ciza. Icompa nkagira ijwikanaka.

33 Noneho ni ikigereranyo ca Mpwemu Yera ahambaye nk'uko twasomye mu VyahishuriweYohana 3:16; iyi numa yakoreshejwe n'Imana kuba ibimenyetso.

Nowa yarahawe ikimenyetso, nk'uko Mwene Data yabiririmvye. Imana yari yababaye,kandi nta kintu na kimwe cari kigiye kurokoka uburake bwayo, kuko Yavuze Iti:"Umunsi uzokiryako, uwo munsi nyene uzoba upfuye." Hanyuma Nowa agirirwaubuntu n'Imana maze yubaka ubwako yisunze inyubako… amabwiriza, nako, Yari yamuhaye.Hanyuma butangura kureremba hejuru y'amazi.

83Ndashobora kwiyumvira intuze yiwe…ivyababaye muri irya minsi bavuze bati:"Uyu mutama hiyo ruguru ku musozi, umutama w'umunyakaguma, ariko yubaka ubwato,avuga ngo 'imvura igiye kugwa,' kandi ata mvura irigera igwa." Ariko ni…

Nowa arababwira ati: "Imvura izogwa, uko vyogenda kwose."

Hanyuma ndazi umunsi yinjiriyemwo, ndibaza ico…ntushobora kwibaza ingene icogihe cari kimeze, ndizera ko wari umunsi wa cumi n'indwi wo muri Rusama. Nowayinjira mu bwato, Imana yugara urugi.

Ibicu bitangura kuza, imvura itangura kugwa, imyanda itangura kwuzura, amasoko maremarearaturika, amasoko yose arekura amazi yayo. Amaherezo abantu binjira mu mazu,baduga hejuru. Bwa bwato bwa kera bwiguma aho kwa kundi.

Inyuma y'akanya amazi menshi atanguye kubuzunguruka, butangura kuduga hejuru.Abantu badodora ku rugi bavuza induru, ariko ntaco—ntaco vyamaze, Nowa ntiyariashoboye kwugurura. Imana ni yo yari yawugaye, Imana ni yo yonyene yonyineishobora kwugurura.

Uko ni ko biri kuri bwa Bwato bwacu, Yesu Kristo; Imana yaratwugururiyeumuryango i Gologota, Izowugara nka kurya nyene Yawuguruye.

34 Bwarareremvye, bwongera burarereremba, kumbure ku burebure bw'imetero igihumbin'amajana atandatu hejuru y'isi igihe iyi si yariko iradandabagirana yataye inzira…uhereyeku—ku…umurongo isanzwe izungurukirako. Hanyuma buraja hirya no hino burazunguruka,mu bicafu no mu biti, hejuru y'imisozi n'ibindi, buyerera iminsi mirongo inen'amajoro mirongo ine.

Hanyuma igihe umuyaga watangura kugabanuka…

Uburake bw'Imana burateye ubwoba. Urukundo rwayo rurera kandi ni urwa Kimana; kandin'uburake bwayo ni ubwa Kimana nk'uko—nk'uko n'urukundo rwayo ruri, kuko, Itegerezwaguca urubanza kuko ari Umucamanza. Ni Yo Itanga amategeko, kandi amategeko atagiraibihano ntaba ari amategeko. Habwirizwa rero kuba hariho igihano ku mategeko.Kandi urenze ku mategeko y'Imana, aho ni ho uriha ico gihano.

35 Rero turabona yuko Nowa amaze kureremba hejuru, ata nkeka yamerewe nabi kubera ukwoguturika n'iyo miruragaro n'uguhinda, uburake bw'Imana nab wo burikoburashwanyagura bwongera bumenagura, mu maborogo n'ibindi. Noneho bitangura gucureha,ata kintu kiba. Iminsi irarengana, ata kintu kiba. Kumbureivyo kurya vy'ibikokon'ibindi bigenda bigabanuka, ntihagira ikiba. Ni ho yiyumvira ati: "Nibaza… Sinshoborakubona hanze."

Ubwo bwato bwario bwubatswe cane (igihe waba winjiyeyo rimwe gusa), hariyoidirisha rimwe gusa,

kandi ryari hejuru. Ntiwari ushoboye kuraba ku ruhande, ntana hamwe wari ushoboye kuraba atari hejuru. Kandi ukwo ni ko bwa Bwato YesuKristo, bumeze. Ntushobora kuraba ku wuri i ruhande yawe, nta na kimwe ushoborakuraba atari Kristo igihe uba uri mur'ubwo Bwato kuko hariho umuryango umwe,kandi ni We Ari urwo Rugi twamye tuvugako muri iki gitondo. Ubwirizwakubandanya uraba hejuru, "Kubera ko uwushira ikiganza ciwe ku mukogote w'inkazirima hanyuma agac ahindukira ngo asubize amaso inyuma, ntakwiriye kurima."

36 Rero, nko muri ubu bwato…Yarashobora kubona umuco, kumbure umuco w'izuba, arikoyaribaza aho yari ageze. Ubwato bwari bukireremba, yarashobora kwumva imikuba ikubitaku mpande, ariko yari azi ko haheze iminsi myinshi, koko kw'amazi yagabanutseico gihe. Aragenda, atora inyoni itizewe y'igihemu, arayigerageza, ayirungikahanze. Cari igikona, kandi nya gikona nticigeze kigaruka, kuko caronse umunezerohanze, hanze y'ubwato bw'Imana. Caguruka kiva ku muvyimba umwe ushaje kija kuwundi, kirya imivyimba n'ivyaboze vyariko bireremba hejuru y'amazi; kandi carikinyuzwe rwose.

37 Inyuma y'iminsi myinshi arongera aragerageza, kuko yari abizi…Ntiyashaka gusohokahanze ngo ahave agwa mu burake bw'Imana. Rero aca arekura inuma. Kandi iyi numayari ifise kamere itandukanye na… Nticari ikinyamwanira, nta n'ubwo cariigikona, irashobora kurya ibintu bitanduye vyonyene. Kandi yaranyuzwe cane kukoata kintu na kimwe yashoboye kuronka co gushingako ibirenge vyayo, ica isubiramu bwato. Nowa aravuga ati: "Emwe, umwuzure uracarimwo."

Yongera ararindira iyindi minsi myinshi, yongera ararungika, nk'isengesho ryiwe,"Ô Mana, mbega uburake bwawe bwacureshe? U—u—uburake bwawe bwangiye, ga Mwami? VyoseVyarangiye?" Aribwira ati: "Noneho, ndamutse ndayirungitse kur'iyi ncuro, ishoborakuguma hanze nimba umwuzure wagabanutse, ishobora kugumayo." Ariko yayirungitsehanze asenga, hanyuma isohotse irongowe n'Imana, yaha ibabi ry'umwelayo kugiti, iraguruka, yongera kugwa kw'idirisha.

Imana yakoresheje inuma nk'ikimenyetso. Yagarukaivuga ko "umwuzure warangiye," hanyuma Imana yugurura urugi,barasohoka. Iryo ni Itanguriro 8:8.

38 Yarakoreshejwe kandi muri Matayo 3:16, nanone igihe uburake bw'Imana bwari kw'isi. Kandi nta nzira yari iahri, umwijimaw'ijoro, mw'ijoro hagati, amashengero yari yarononekaye ku buryo ata nzira yokubivamwo yari ihari. Hariho abigisha b'ibinyoma, ibintu vy'ubwoko bwosevyaduka, imyuga y'ubwoko bwose yaduka, ariko Imana yongeye gukoresha inuma. Vyarayihimbaye,Umwana wayo Yesu yarayimbaye cane, ku buryo Yamudondoye.

Noneho, ntibashobora kwizera ko uyu Mwana yari yavukiye hariya muri ruryaruhongore mu bwato bw'ivyatsi…imbere yuko se na nyina, bubakana. Ntibari bashoboye kwiyumvira yukoImana yokoresha ikintu nk'ico. Rero Yategerezwa kumenyekana kw'isi; kandi uryamunsi epfo ku ruzi, igihe Yamanuka kugira ngo Yerekane ubwayo ko ari Igikorwanyamukuru c'Imana (ivyo navuze muri iki gitondo)…Igihe Yumvira agatambukira mumazi…

39 Rero, hamwe muravye ng'aho, hariho icigwa gikomeye. Yohana yari umuntu ahambayecane kw'isi, ico gihe. Yesu yavuze ati: "Nta muntu n'umwe mu bavyawe n'umugoreahambaye nka we," kugeza ico gihe. Kandi yari umuvugishwa. Ivyo muravyizera?Ubu rero mwibuke, nimba hari ikintu na kimwe Ijambo ry'Imana rizozako kw'isi, azobaari umuvugishwa. Iyo ni yo yamye ari inzira y'Imana. Murizera ko Yesu yariIjambo ryagaragaye mu mubiri? Rero hari inzira imwe gusa Ashobora kuza kwerekanwa;atari biciye ku baherezi.

Ntiyaduze hariya ruguru ngw'Avuge ngo: "Kayafa, mbega wonyerekana?" IyoAbikora, Yaba akoze rya kose nyene Dawidi yakora muri ca cigwa wa wundi munsi;murabona, iyo Aduga kw'ishengero Akavuga ati: "Mwonyerekana?"

40 Nimurabe gusa n'igihe Yavuka. Igihe Yavuka, Yavutse mu gitutu c'ishengero.Baravuza inkengeri n'ibindi vyose; ariko abungere ni bo bamumenye, hamwen'abaragurishanyenyeri. Murabona?

None ng'Uyu hano ubu, ku… Yiteguye kubw'igikorwa c'ibango ryiwe. Kandi nimbaari Ijambo…

Dukurikije umugambi uhambaye w'Imana, Ijambo rishobora gusa… "Umwami Imanantagira ico Akora atabanje guhishurira abasavyi biwe abavugishwa." Ico ni co citegererezociwe buri gihe, bitegerezwa kuba uko; igihe Amashashara yugururwa, igihe ikindicose. Ikintu cose gihambaye kiba kw'isi, Imana iragihishurira abavugishwa bayo.

Rero Yohana yari umuvugishwa, kuko yariko aravugishwa ati "Araje."

Noneho umunsi umwe amaja efo ku ruhande rw'umusozi…igihe ibihari vyariko birabandanya,umugwi w'abaherezi bari bahagaze hafi. Bavuga bati: "Urashaka kumbwira kowiyita 'umuvugishwa,' hanyuma ugahagarara ng'aho muri ivyo vyondo?" (atarimw'ishengero, kubera ntibamushaka) "Uhagaze ng'aho mu vyondo, hanyuma ukambwirayuko igihe kigeze aho umwe Yehova ahambaye yategetse ibi bimazi, mu gihe uwoYehova ahambaye yubatse uru rusengero, Umwe Yaza ameze nk'Inkingi y'umuriro, 'ng'igihekizogera aho iki kimazi ca buri munsi kizokurwaho'?"

Yavuze ati: "Hazoza Umuntu, kandi Ari hagati yanyu aka kanya (ahantu kanakang'aho), kandi Azokuraho icaha." Umuherezi yariko arabimuharirizako.

41 Yohana arunamuka! None, we ni nde? Umuvugishwa! Kandi ehe Ijambo, haza Ijamborije ritumbereye umuvugishwa, neza na neza mu mazi. Yohana avuga ati: "Ehe Umwagaziw'Intama w'Imana akura ivyaha vy'abari mw'isi. Ng'Uyu, Uyu ni We." Nta co Yesuyigeze avuga, yibandaniriza mu mazi. Kandi ndashobora kubona aho, muri ayo mazihahagaze (nimwiyumvire iyo reresi), ibintu bibiri mu bihambaye vyigeze kubahokw'isi: Imana Ijambo, n'umuvugishwa wayo.

Nimurabe, Ijambo ryaje ku muvugishwa muri ubu bugabuzi bw'ubuntu, mu mazi(uh-huh). Niyumviriye yuko muza kubicakira (uh-huh). Mu mazi! Impishuro yambere y'Ijambo hari mu mazi. Ubu rero murabona aho Umugeni yatanguriye,Ubutumwa bw'Umuco w'akagoroba? Mu mazi! Ijambo, Ijambo ry'ukuri ritavanze na zanemera, ariko ryaje ku muvugishwa mu mazi, biciye mu mazi.

42 Nimurabe! Murashobora kwiha ishusho amaso y'Ijambo n'amaso y'umuvugishwa bihuriyemu mazi? Ôo, ivyo birandengera cane. Aho hahagaze umuvugishwa, aha hahagazeIjambo, barabana mu maso. Umuvugishwa aravuga ati: "Ni jewe nkeneyekubatizwa nawe, ni iki gitumye Uza kuri jewe?"

Maze Ijambo rivuga…Ritegerezwa kuba ukuri.

Kanokanya reka ndabacapurire ireresi hano:

"Yohana, uri umuvugishwa, urazi Ijambo." Murabona? "Uranzi, urazi Uwo Ndi We."

Yohana ati: "Nkeneye kubatizwa nawe."

Yesu aravuga ati: "Bikunde. Ni koko ukeneye kubatizwa nanje. Ariko wibukeYohana, kubera uri umuvugishwa, biradukwiriye, canke biratubereye (nk'Ijambon'umuvugishwa), ko dushitsa Ijambo ryose.Uh-huh. Kubera Yohana," (ng'iyi impishuro kano kanya) "Yohana, urazi Uwo Ndi We,ni Jewe ca Kimazi. Kandi nk'uko Ijambo ry'Imana ribivuga, ikimazi categerezwakwozwa imbere yuko gishikirizwa nk'ikimazi." Ni vyo? Ijambo…"Umwagazi w'intama warozwahanyuma ugashikirizwa nk'ikimazi, kandi ni Jewe Ndi uwo Mwagazi w'Intama. ReroNtegerezwa kwozwa imbere yuko nshikirizwa isi nk'ikimazi. Bikunde Yohana, kukobiratubereye nk'Ijambo n'umuvugishwa bihuriye hamwe."

43 Emwe, ntihashobora kubaho ikosa. Rero, buri kimwe muri ivyo bintu…

Noneho murabona, iyaba ivyo bitari biteguwe gurtyo, Yohana yari guhava aba nk'abandibose muri twebwe; bo bavuga bati: "Ego, ndazi—ndazi Uwo Uri We,Mwami."

Avuga ati: "Hewe, hinge gato, Ndi Ijambo. Uh-huh. 'Umuntu ntazobeshwa n'umutsimagusa, ariko n'Ijambo ryose.' Evayirengagije rimwe uh-huh, ariko ubwirizwa gufata Ijambo ryose. Kandi ni Jewe Ndi ico Kimazi, kandi Ntegerezwa kwozwa imbereyuko nerekanwa. Ariko ivyo wavuze Yohana, ni ukuri."

Yohana kubera yari umuvugishwa, azi yuko Ijambo ritegerezwa gushitswa, yaravyemeyemaze aramubatiza. Ariko arava mu mazi, haza Ubutumwa buvuye mw'Ijuru ku mababay'Inuma, buvuga buti: "Uyu ni We Mwana wanje nkunda." Yarungitse Ubutumwabw'incungu bw'ubuntu ku mababa y'Inuma, buguruka bumanuka mu majuru. "Amahorokw'isi ku bo Yemera." Ikimaze cari citeguye ako kanya; Yari yararezwe, aragaburirwa,igikorwa c'ibango ryiwe cari citeguye, Ijambo ryari gucungura isi yose, "Birarangiye!"

44 Inuma ikoreshwa muri Bibiliya nk'ikimenyetso c'amahoro, kandi ikoreshwa n'ibihugunk'ikimenyetso c'amahoro. Turafise igihugu…Igihugu cacu giserukirwa n'inkona. Kandihariho izindi nyoni zo mu bindi bihugu, Roma ifise inkona, Ubudagi bufise inkona;nyinshi muri zo, inyoni zihambaye zo mu kirere. Ariko muri zose, inuma igereranyaamahoro mu mahanga yose. Ni ikintu mpuzamakungu.

Nk'uko Mwene Data Green yabivuze ijoro rimwe, Mwene Data Pearry Green yavuzeati: "Ikimenyetso co gutsindwa ni 'kumanika amaboko.' Igihugu ico ari co cose,umanitse amaboko, uba unaniwe." Yavuze ati: "Igihe uririmba, umanitse amaboko,uba uhevye vyose."

Kandi inuma nikimenyetso c'amahoro mu mahanga yose. Ivyo biva kuki? Kuberaubwitonzi bwayo, kandi kubera iri umwere. Ni yo mpamvu igereranya amahoro.

45 Ikindi kintu ku bijanye n'inuma, ni inyoni ikunda urugo. Irakunda kuguma mu rugo.

Kandi ikindi kintu ni iki, buri gihe ihora iri umwizigirwa kuri mugenzi wayo.Inuma, ikigabo canke ikigore, ntizigera zivana. Iyo ngore ihura na mugenzi wayomu gihe c'abakundana. Murabona, ivyo birashimishije ku vyo Imana yaremye bihambaye.Ni yo mpamvu Yagize Eva ikintu cakuwe mu kindi. Murabona? Iyo aza kuremwa nk'ibindibigore, igihe co kurondera umukunzi kigeze, yociye aja kurondera umukunzi wiwe;ariko ntavyo yobasha gukora n'igihe na kimwe. Murabona? Kandi uko ni ko bimeze,ni ivyo. Gusa jewe… Ntidushaka kuvyinjiramwo, kuko ndabifise mu Kwabirana No Kwahukana, n'ibindi. N'ukuntubigenda…Ariko

yamara arubahwa kandi akazana iyo ngeso, kandi murazi ingenenavyigishijeko ejo bundi. Neza cane, nimurabe, afise inshingano zihambaye.

Ariko inuma ihora ari umwizigirwa kuri mugenzi wayo. Buri gihe! Ntiyigere imuheba.

46 Kandi reka mpagarare hano umunota umwe gusa, kugira ngo mvuge ibi: Umugeni w'ukuri,inuma y'ingore, na we ni umwizigirwa kuri Mugenzi we. Ntashiramwo imitegekeren'imwe, inyigisho na zimwe z'amadini, ikintu na kimwe c'isi. Azoguma ariumwizigirwa kuri Mugenzi we, Ijambo; umwizigirwa buri gihe.

Kandi kubera iyi nyifato yo gukunda muhira, kubera inyifato yayo yo gukundamuhira, yarakoreshejwe nk'inuma y'intwarabutumwa mu buryo butagira ikosa.Kubera ikunda muhira, aho uyirekurira ahantu hose, izohora igaruka muhira. Izogarukamuhira.

Turashaka gushimangira kuri ivyo umwanya muto, kandi mwebwe Bakristo mwotahuraico nshaka kuvuga. Buri gihe ifata inzira isubira muhira, kubw'ivyo rero yarakoreshwank'inuma itwara ubutumwa. Yarakoreshwa mu gihe c'intambara, yahora ikoreshwa;baracayikoresha, inuma z'ibitwazi zitwara ubutumwa. Murabona rero noneho, ivyobituma inuma iba intwarabutumwa haba ku Mana no ku muntu; inuma ni intwarabutumwa.Yari intwarabutumwa kuri Nowa, kubwira Nowa ko "amahoro yongeye kugaruka."Yakoreshejwe n'Imana mu kwemeza ko Uyu Yari Umwana wayo, "Ikimazi co kuzanaamahoro kw'isi no kugirira neza abantu." Yakoreshwa nk'intwarabutumwa.

47 Hano nyene ndafise inkuru nto mu vyiyumviro vyanje, igihe kimwe narasomye igitabu.Noneho, sinshaka kuvuga ko ibi ari ukuri, bishobora kuba muri Kugabanuka kw'Intambara ya Mbere y'Isi Yose.Sinzi neza ko ari vyo; mutabibonyemwo, nazoba nihenze. Mwo kimwe nabisome mugitabu…haheze imyaka myinshi. Ariko mu vy'ukuri vyari i—i…mu vy'ukuri i—ikintugitangaje cabaye.

Abasirikare b'Abanyamerika bari bazigirijwe amasase ya mitrayeze z'Abadagi,kandi bari ahantu hameze nk'urwobo. Mwebwe abasirikare, ndakeka mutahura uburyobari mw'irindeahantu kanaka. Kandi barazigiririjwe hasi, basigaranye amasasu makeya. KandiAbadagi bariko baregereza ari imice minini-minini, bagenda ahantu hose. Kandibari bazi ko bataranse ababafasha, ubufasha kanaka, vuba bose bari bagipfa; (bategerezwa)Abadagi bariko barashunguruka ku musozi, barashobora kubona amazosi yabo, bagendababatumbereye nk'uku.

48 Hanyuma umwe muri bo birashika yibuka ko yari afise akanyoni gatoya, inuma ntoya.Rero yari azi ko iyi numa, hamwe ishoboye kuva aho, yari gutwara ubutumwa ku cicarogikuru aho bari bakambitse. Nuko baricara, bandika ku amajambo amwe bati: "Twazigiririjweahantu kanaka ahantu mu gace kanaka. Amasase yadukamanye, mu masaha makeya dutegerezwakwishikana canke tugandagurwe." Baca babohera ivyo, canke babihambira ku ki—kirengec'iyo numa ntoya maze barayirekura.

Rero, niinyoni ikunda muhira, rero yo…ikora iki? Isubira muhira kugira ngo…bahure, ibonanena mugenzi wayo. Iba iyifitiye impungenge, itegerezwa gusubira muhira.

49 Imaze kuguruka, Abadagi babona ivyari bibaye. Rero ico baciye bakora, baciye batangurakurasa iyo numa. Umwe muri bo arayigema n'inkoho ya Calibre 30, nako urusase, rucaruvuna ukuguru kwayo. Uwundi ayitabura uruhande runini mu mugongo. Igikirizacayo cari cakomeretse hirya no hino. Rimwe mu mababa yayo ryari ryavunitse, baribarirashe amaja kw'isonga ryaryo, yaguruka uruhenga. Ariko yabandanije iduga,amaherezo irashika. Yari yamugaye, yakomeretse, yavunitse, yuzuye inguma, arikoyaguye mw'ikambi ifise bwa butumwa. Iyo yari inuma ihambaye.

Ariko, yewe, Mwene Data, Yesaya 53 haratubwira ivy'Umwe Yamanutse avuye Muhira n'ivyarivyiza vyose.

Yamara Yacumitiwe ivyacu bicumuro, Yajanjaguriweivyacu bigabitanyo: igihano kituronkesha amahoro cabaye kuri We, kandiimishishagu yiwe ni yo idukiza.

50 Indwara, imiziririzo, n'abadayimoni vyari vyaratuzigirije, nta buryo bwo kubivamwobwariho, ishengero ryari ryajanye inzira itari yo, bari bagiye mu bintu vy'amadini(n'Abafarisayo, Abasadukayo, no kwoza inkono n'amasahani), Ijambo rya Imana ricarihinduka iritagira ubushobozi. Ariko iyi Numa nto yaramanutse, kandi harihoikintu kimwe gusa gishobora kuba: hategerezwa kubaho Umucunguzi.

Ariko n'ubwo Yakomerekejwe, Akajanjagurwa, Agakubitwa, Agashishagurwa, ariko Yariazi inzira yiwe isubira Muhira. Rero uhereye ku musaraba w'i Gologota ahobamukomerekeje, bakamujanjagura, bakamushishagura, nk'umugwi w'amabingira kuriWe, Yaragurutse avuye i Gologota maze Yinjira mu muryango w'Ijuru, Avuga ati:"Birarangiye! Byarangiye! Baridegemvya! Indwara zirashobora gukira ubu! Abanyavyahabarashobora gukizwa! Imbohe irashobora kurekurwa!"

N'ubwo Yatonaguwe agakomeretswa, irya ntambara ihambaye ng'aho igihe ibintu vyosevyamurwanya…Mbere n'umwanditsi w'ivyese yararanguruye ijwi ati:

Hagatiy'ibitandara vyasadagurika n'umwijima mu majuru,

Umukizawanje yarajondamitse umutwe arapfa;

Arikoigihuzu catantamutse cagaragaje inzira Y'umunezero wo mw'Ijuru n'umunsi utagiraiherezo.

51 Nahoze ndwaye imitsiy'amaso mu buzima bwanje bwose. Nk'umuhungu muto hari ikintu cankubise, kinteraubwoba, hafi buri myaka indwi vyaranshikira. Mwene Data Jack aribuka igihenatangura bwa mbere, naravuye ku rubuga umwaka wose; hariho ikintu cari cabaye.

Ndibuka umunsi Juanita Hemphill…Nibaza ko izina ryiwe ari Juanita Kelly ubu, yubakanyena Mwene Data Kelly inyuma y'urupfu rw'umugabo wiwe. Anna Jeanne, ndafise amafotoyabo n'ibindi, bari nk'abo… Kandi we…Kandi abo bakobwa babiri na Mushiki wacuMoore bari bafise u—umugwi mutoya wa batatu. Baririmvye ya ndirimbo ntigezenibagira: Raba Hakurya y'Aho IzubaRirengera. Mwene Data Jack, uribuka, ndakeka wari uvuye muri Florida. Mbegaabakobwa bato beza.

52 Kandindibuka ko mur'ico gitondo umugwi muto w'Abapentekote ba hano haruguru mu majaruguruy'igihugu, muri Michigan ahantu kanaka, abo bakobwa bahagaze neza mu gihe MweneData Hooper…Naramubonye hano ejo bundi ku mugoroba, jewe… ashobora kuba atarihano, Mwene Data Ed Hooper. Ni ho uri, Mwene Data Ed? Sinibaza ko…Yari yaciyehano wa mugoroba wundi. Nta n'umwe…Benshi muramuzi. Jewe na we, hamwen'umuvandimwena Mwene Data Hooley, twari tugiye. Hanyuma abo bakobwa bari bahagazehariya ku ruhande bayiririmba, baduha umwe wese, iroza ry'umuhondo bakura mu mishatsiyabo. (Aho ni ho umwe yari yiziziwe n'abadayimoni yakiriye, ibintu bihambaye vyabaye.)

Naduzemw'ibarabara nezerewe bimwe bishoboka, giturumbuka vya bintu bica birankubita;umwaka urafera imbere yuko nongera kugaruka ku rubuga, vyarahatswe kumpitana.

53 Kuva nkiri muto, nahora mvuga ko ntazi iyerekwa ico ari co. Nkiri umuhungumuto, nahora mvuga nti: "Ese hamwe—ese hamwe notwarwa n'iryo tiro ryinshi,nkabibona, noca nkira." Ico gihe…Nahora nifuza kuja kwa Mayos kugira ngomenye ikitagenda neza. Abaganga baho…

Umushishito wanje uraribwa; kandi yemwe bagenzi! Mwene Data Jack yaramfashijekuzunguruka inzu. Ndazunguruka inzu; kandi amazi asa n'ayashushe yariko agurukaamva mu kanwa. Kandi naraduga ku gicaniro, nkasengera abantu baba baremvyeibihetangabo kabiri, bagakira. Narabasavye baterure ibiganza vyanje babirambikeku mugabo yari arwaye kansere mu maso, iyo kanseri iramuvako, ahagaze aho;kandi nari ndemvye ku buryo ntari nshoboye guhaguruka.

54 Kandi ntimuzi ivyancumukuje; gukandamizwa mu mutwe gusa. Uko imyaka indwi yabaije, ubuzima bwanje bwose. Aho ni ho ndi ubu, indwi umunani.

Rero nari—nari naniwe rwose; ndarira, ndinginga, ndatakamba.

Kandi ndibuka igihe vyakabaye kera nibaza yuko naronse amafaranga ahagije yokuja kwa Mayos gukoresha ibipimo; bavuze bati: "Bazobona ikibazo ufise." Jewen'umugore na Becky yicaye hariya…Sarah yari akiri muto, akana gatoya. Ni honari ncinjira mu gikorwa canje c'ugukiza indwara. Rero duca turaja kwa Mayos.

Naragiye mu mavuriro atandukanye. Kandi ijoro ryabanjirije imbere yo kuronka…nategerezwakugirisha ibipimo vyanje vya nyuma bukeye bw'aho, naravyutse nicara aho ndabahirya no hino. Ndavye imbere yanje, mbona umuhungu muto dusa, ufise nk'imyaka indwi;ndamwitegereza, kandi yari jewe. Kandi yari ahagaze i ruhande y'igiti gishaje casangutsegihagaze. Kandi kuri ico giti…

55 Umuntu wese muri mwebwe abahigi b'imihare murazi ko mushobora kunyagazamwen'ico giti mukoresheje inkoni, bigaca bitera ubwoba iyo mihare igaca yirukaikavayo nimba yari mu myobo y'ico giti.

Nariko nditegereza ng'aho aho uwo muhare war'uri, nca ndibaza nti: "Uwomuhare ni bwoko ki?" nca ndanyagaza ico giti. Ndabikoze, ndavye mbona ni jewenoneho mfise imyaka nka mirongo itatu n'umunani, umwana muto yari yagiye. Ndanyagazarero urwo rugiga, hanyuma mu mwobo w'ico kigiga havamwo umuhare ureha nk'uku, wirabura,hafi w'agafyiri, kandi wamengo hariho imipfunda yava muri wo; amaso mato mato aturumbutse, ikintu kibonekank'inkozi y'ikibi nigeze kubona, casa n'imfuku aho kuba umuhare.

56 Hanyuma kiranyitegereza kintumbereye. Maze nuguruye umunwa ngo mvuge nti: "Erega…"Maze kubikora, we…Imbere yuko ubasha gukubita urugohe, caciye gisimbira mukanwa kanje, cinjira mu nda, kiranshwanyagura. Mvuye mw'iryo yerekwa, namanitsemaboko, vyasa nk'aho nariko ndakoma induru mvuga nti: "Mana, ngirira imbabazi! Kiranyishe!"

Nca numva Ijwi mu mfuruka y'icumba, rivuga riti: "Wibuke, gafisesantimetero cumi na zitanu."

Ni bangahe bumviseiyo nkuru? Narayibabwiye kenshi, abantu kw'Ihema.

Emwe ivyovyarabandanije uko, mbabara kwa kundi nyene.

Barumuna ba Mayo, bukeye, baransuzumye. Yavuze ati: "So wawe yari umunyaIrlande, yaranywa

inzoga. Nyoko wawe kubera yari igice c'Umuhindi, ivyo bitumahafi uwuvanze. Rero uzoba…uri—uri—uri—uri uguhangayika kurenze urugero ku buryoutazokwigera ubivamwo." Yavuze ati: "Bitabaye ivyo, ufise amagara meza. Ariko ivyo,ivyo ni ibintu biri mu mushaha umuntu adashobora kugenzura." Yongera ati:"Uzogira…" Ati: "Iyo umuntu apfuye, ntidushobora gukora ibipimovy'icamuhitanye, kubera umushaha wiwe uba wagiye." Yavuze ati: "Emwe, ntuzokwigeraubivamwo."

57 Uwo muntu aravuga, umuganga wanje wa kera, ati: "Dawe yari abirwaye,yapfuye afise imyaka nka mirongo umunani n'itanu, mirongo icenda," ahantuhamwe amaja hariya. Avuga ati: "Ukwezi kumwe canke abiri imbere yuko apfa,naramusuzumye; yar'abimaranye ubuzima bwiwe bwose, avuga ko yagira ibihevyavyo."

Avuga ati: "Abantu bamwe babigira, baba bafise ibishavushavu vyinshi";yagize ati: "ubwo ni bwo bwoko buzokwica." Yavuze ati: "Ubundi bwoko,nk'abagore mu gihe co guca imvyaro, bararira. Wewe ufise ubwoko bw'ibimezenk'inyiyumvo y'umunaniro." Yavuze ati: "Aba kera bakunda kuvyita ngo ni'agahehera,' ntivyabavako." Avuga ati: "Iyo ivyo bigukubise, umushishitourakurya; ugasinzikara."

Ndamubwira nti: "Ariko mushingantahe, nta na kimwe nkora." Ndavuganti: "Ndafise umunezero."

Avuga ati:"Ni vyo. Ivyo biva mu gasahok'ibiremwa—muntu." Avuga ati: "Uzovyamana."Ôo, mbega ikintu gicana intege!

158Ariko amajambo, kuvyiyumvirako, "Wibuke, gifise santimetero cumi na zitanugusa," vyarankurikiranye, nk'uko umugore wanje mukundwa yicaye hariyaashobora kubibabwira. Uko imyaka yakuranwa, naguma ndavyiyumvirako.

58 Hanyuma, ngiye mu mahanga ubushize, nari…imbere y'aho. Emwe, nari nagarutsemuhira, kandi nari mu rugendo rwo guhiga imihare. Ndasimbira mu modoka ndikumwe na Mwene Data Banks Wood, akaba ariko arakurikira kw'uyu mugoroba, ntangurakwiruka nduga umusozi, kandi vyasa nk'aho umutima wanje wagomba kumvamwo.

Narabajije Muganga Sam Adair, mbaza nti: "Ivyo biterwa n'iki?"

Ambwira ati: "Ubutaha nivyasubira, uzoce ugenda wipimishe umutima."

Ndavuga nti: "Nta kibazo."

Nuko vyongera gushika mu—mu mwaka wakurikiye, nca ndagenda kwipimisha umutima.Yavuze ati: "Umutima wawe nta kibazo na kimwe ufise, kimwe gusa urafiseuguhangayika." Ico gihe bica bitangura kugaragara.

59 Erega, uwundi muganga yarambwiye, incuti yanje magara, yambwiye ati: "Uwoni mutima wawe, muhungu, vyokubera vyiza ubaye magabo." Uwo ni wa mwakanahamagara Mwene Data Moore maze arondera umuntu wo kuvuga ubutumwa mu gishingocanje, igihe naja guhiga impfiziy'intama ndi kumwe na Mwene Data Fred. Nambukiranije imisozi nk'ukonabigira ngifise imyaka cumi n'itandatu, mara ibilometero niruka; nt acovyigeze bintwara. Murabona?

Nagarutse ndabibwira Sam. Yavuze ati: "Emwe, hariho ikitagenda neza, vyokuberavyiza ubaye magabo."

Hanyuma mbona iyerekwa ry'umuganga wa kera ahagaze afise ivyo…umuganga wa keraafise icuma gipima umutima ku kuboko. Yavuze…Umunsi umwe yari ahagaze imbereyanje, avuga ati: "Ntiwemere yuko bakubwira ngo ni umutima wawe, iwo ni wamushishito wawe."

Rero nca ndiyumvi—ndiyumvira nti: Emwe, ndafata ivyo, kubera ryari iyerekwa.Reka rero dukomeze."

60 Nca ntangura kwitegurira kuja muri Afrika; nja kwiteza incanco kanaka. Vyabayengombwa ko niteza inshinge zitari nke imbere yuko nja muri Afrika, ni komategeko avuga. Rero, igihe nariko nditeza izo ncanco, yavuze ngo: "Emwe,sinshoboye kubona n'ikintu na kimwe kitagenda neza muri wewe." Avugaati: "Urugero rwanyu rw'amaraso ni mirongo icenda na gatandatu, ni mirongoicenda na gatandatu. Iyaba wari ufise imyaka cumi n'itandatu, ntivyari kugendaneza. Umutima wawe urakomeye ku buryo wotera gushika ku myaka ijana. Amahahan'ibindi, wifitiye amagara meza, nta sukari, nta na kimwe."

Navuze nti: «Urakoze.»Hanyuma ndafatisha ibipimo vy'umubiri, maze njana urupapuro mu buro.

Ni hoyambaza ati: «Nta na kimwe ubiziko?»

Nanje nti: «Ntana kimwe kiretse ukuribwa kwa buri mwanya mu mushishito.»

Avuga ati: «Emwe,ndabikubwira.» Yavuze…

Ndamubwiranti: «Narapimwe. Naragiye kwa barumuna ba Mayo, n'ahandi hose.»

61 Avuze ati: "Ariko hinge gato." Yavuze ati: "Rimwe na rimwe igisebe co mumushishito kiraba gito cane ku buryo ico cuma kitocerekana; kandi rimwe na rimwe kirababinini cane ku buryo kicerekana, kuko imishwashwara ya x bica biba igipfungugusa. Kandi ibisebe bito rwose, ntushobora kubibona, ntibiba biboneka. Ibisebe vyinshibito ni vyo bishobora gutera ivyo." Yavuze ati: "Ndazi umuganga wa kera hanoharuguru afise igikoresho, ubu baragifise; barashobora kugusinziriza bakoreshejesodium pentothal nkeya, bagacisha umuringoti mu muhogo, hanyuma bakara mu ndabakabona ibitagenda neza." Yavuze ati: "We…" Ati: "Ni nkawe, niUmukristo." Avuga ati: "Kuki utoja kumuraba?"

62 Narafashe izina ryiwe: Muganga Van Ravensworth. Rero igihe nagaruka, naraduzekuraba uwo muganga w'umutama. Ôo, ni umutama mwiza akomoka mu Buholande bwo muBuseruko, mu murongo munini w'abamisiyonari. Kandi yari yaranyumvise anasoma n'igitabucanje, kandi yewe, yaciye amfata ukuboko gusa, avuga ati: "Mwene DataBranham, ndanezerejwe no kubigukorera." Yavuze ati: "Nkubwire ico gukora; mundwi iza niwaza hano ku bitaro hejuru, uzobanze umpamagare imbere yuko ugenda.Ngomba ndaguhe urushinge rutoya rwa pentothal. Ninabikora, biza kugusinzirizaiminota itanu."

Umukobwa wanje muto yari amaze kuwuterwa kubwo kumuhongora iryinyo, n'umukobwamuto wa Mwene Data Norman. Nariyumviriye nti: "Gusinzira iminota itanu, ivyo ntacovyontwara." Noneho, nibwiye yuko nzanyurwa ico gihe, kubiraba.

63 Hanyuma bukeye bw'aho, naravyutse mu gitanda ndaba hirya no hino, ndaba mu gitandakigeretse; umugore wanje ni yo yari aryamye, ntiyari bwikangure. Kandi narikondaba mw'idirisha werekeza ku misozi minini yo muri Catalina aho mba, reronariko ndaraba hejuru aho wa Mumarayika w'Umwami yanshize ya Nkota mu minwe,aho ba Bamarayika Ndwi abo mubona kw'irya foto babonekeye, ibintu bihambaye vyabaye.

Ndaraba, nkiriko ndara, ng'aho nongera kubona mpagaze i ruhande ya ca giti, hamwewa muhare war'uri. Nararavye hejuru, ndibwira nti: "Ng'aho hamwe hari wamuhare." Naribajije nti: "Ndibaza nimba ari yo ukiri?" mw'iyerekwa. Narakunkumuyeuruhande rw'ico giti, uca urasohoka. Kandi imbere yuko nshobora no gukubita urugohe…Wariumuhare w'akabarore nigeze kubona; aha rero, bizoba ngombwa yuko mumenya igikorwac'ibango ryanje kugira ngo mumenye ibi bimenyetso n'ibindi. Waransimbiyekoariko urampusha; warahushije umunwa wanje, wikubise ku gikiriza canje ucaurakoroka.

Bikimara kuba, nca numva Ikintu kanaka kivuga ngo: "Ja ku misozi yo muri Catalina."

64 Nca ndahindukira, ndavuga nti: "Meda, wikanguye, ga Mukundwa?" Naciye ndamukangura.

Navuze nti: "Narebye hanze, nongera kubona ako gasimba, Buki."

"Umuhare uwuhe?"

Ndamubwira nti: "Umwe nabona hariya kwa Mayos." Ndavuga nti: "Urazi none? Ubuhoho wahushije umunwa wanje, ntiwigeze uwugema, wikubise ku gikiriza." Ndavuganti: "Imana ishimwe! Naritegereje, yewe, kuva nkiri umuhungu muto, naripfuje canekubona ivyo bishika. Hamwe nigeze mbona ivyo bishika, nta n'ubwo…Imbere yukomenya ico iryo yerekwa ryasobanura, hamwe nigeze kubona ivyo bishika, navuze konociye nkira. Ico ivyo vyombwira cose, ni ko nociye mera. Kandi mu myakamirongo ine narindiriye ivyo, none ehe vyarashitse."

Imbere y'aho, igihe nari kwa Mayos, ico gihe nyene nari hamwe hejuru igihebampa bwa butumwa, maze mbona iyerekwa…

65 Mama wanje w'umutamakazi yarigiriye mu Bwiza ubu, yari umugore atangaje cane.Yarose inzozi zigera kuri zitatu canke zine mu buzima bwiwe, kandi igihe cosezaba ari ukuri. Yarambwira, n'i… Yaratangura kumbwira, nkavuga…Naravuga nti:"Garukira aho nyene…Mama, ngira ndakubwire ibisigaye." Murabona?

Kuko igihe cose iyo mumpaye inzozi zo gusobanura, ntabwo buri gihe mumbwiraneza ingene zari zimeze. Noneho iyo nongeye kuyibona, nca mbona neza ivyowarose, noneho Akambwira ivyo ari vyo. Murabona? Si ngombwa ngo umbwire iyonzozi iyo ari yo, Aranyereka iyo nzozi ubwiwe. Murabona? Rero ndayibonye, ncandakubwira nti: "Erega, ibintavyo wambwiye hamwe n'ibi ntavyowari wambwiye." Murabona? Kandi rero Imana ishobora gusobanura inzozi,irashobora kuzerekana; Irashobora kuyerekana, Irashobora kuyisobanura. Nonehorero…

66 None, muri Bibiliya ntihariho ibintu nk'ivyo, ahavuga hati: "Nimba ushoboye…"?Jewe—jewe…Binjeko uku nyene. Daniel, si ko? Oya, Yosefu—Yosefu. Emwe, biriahantu kanaka muri Bibiliya. Mbaye bwibuke ivyo, hamwe havuga ngo: "Nimbaushobora kunyereka…Nimba ushobora kumbwira ivyo…" Ôo, ni UmwamiNebukadineza, ni vyo. Yavuze ati: "Nimba ushoboye…Nutabishobora…"

Abapfumu baravuga bati: "Twiganire iyo nzozi."

Aca avuga ati: "Nayibagiye." Ni vyo, ivyo, ndavyibutse; mpejeje kuvyiyumvirako.

Ubu rero nimurabe. Mama na we, yavuze ati: "Billy," ngarutse, ati:"ngwino hano, mwana wanje, icara hasi." Yavuze ati: "Narose inzozi zitangaje.Narose mbona uryamye urwaye, uri hafi gupfa, kubera uwo mushishito nk'uko bisanzwe."Mbega ivyo kurya bingana gute yanteguriye! Avuga ati: "Wariko urubaka inzu kumusozi. Nabonye inuma zitandatu zera zimanuka zivuye mw'ijuru, ziguguza, zicapuyeurudome 'S' zica zigwa ku gikiriza cawe. Wariko uritegerezwa, kandi iyariimbere yariko igerageza kukubwira ikintu kanaka." Yavuze ati: "Zari inuma nzizacane zera. Zafata imitwe yazo mito zikayiryamika ku matama yawe, zigira ngo'gruu, gruu, gruu.'" Avuga ati:" Sinashoboye kubitahura Zabandanije zigira,'gruu, gruu, gruu.'"

Ndamubwira nti:" Ôo, ndabibonye, Umwamiashimwe! Zongeye zigira rwa rudome 'S' zisubira mu kirere, zigendazigira ngo 'gruu, gruu, gruu, gruu,' zisubira muhira."

Emwe, ako gakoko nabonye kari kareha na santimetero cumi na zitanu. Uwo murongow'inuma Mama yabonye zari zitandatu, gatandatu nticuzuye. Nari nzi ko umunsiumwe nzobona imwe igira indwi. Uwo yari umuntu, acumukura; rero vyarabandanijevyongera birabandanya.

67 Ico gitondo, naravyutse maze kubona iryo yerekwa; narumviye Umwami. Narajanyeumwana wanje muto Yosefu kw'ishure. Ariko arankurikira kano kanya, i Tucson.Naramujanye kw'ishure, mbwira Meda ko ntazi igihe nogarukiye.

Ndahaguruka nja muri Catalina, nja mu misozi, maze—maze nja ha hantu wa Mumarayikaw'Uhoraho yanshirira ya Nkota mu minwe. Hakiri kare cane; ntangura kudugaumusozi.

Erega, aho kuduga mu mpinga iyi nzira (ahari inzoka nyinshi, sikorupiyo, muraziingene muri Arizona hameze), nahindukiye i buryo bwanje; Ikintu kanaka kivugango: "Hindukirira i buryo bwawe." Njana ku mpinga; ndazunguruka, kandi narikondazunguruka kuri ayo mabuye manini manini, aruta incuro nyinshi iri hema, arundaniyehejuru aho umuntu yoshika gake kabaho.

68 Hanyuma nko mu masaha ya satanu, nashitse ku mwobo mutoya, ngaruka aho bamwe…ahantuhato hameze gurtya haruguru y'inzira y'impongo. Kandi nambuye ishati yanje, inkoferoyanje nari ndayifise mu minwe, kuko nari nuzuye intuguta. Hanyuma ndahindukirang'aho, maze mpindukiye muri ako kantu gato, nca Inyonga z'Umwami. Naciyenshibura inkofero yanje ndaba hirya no hino. Ndibwira nti: "Ari hano ahantu kanaka.Ndazi ko Ari hano." Ndibaza nti: "Ibi ni ibiki?" Ndatambuka gatoya. Ndavuganti: "Mwami, Uri hano ahantu kanaka."

Nitegereje mu nzira ng'aho haryamye wa muhare mutoya; wari watarukiye ku kintu uragihusha,maze wikubita kuri cholla(ivyo ni gusimba cactus).Ivyo vyari vyawumenye, igikiriza, mu nda, kandi wari wapfuye. Uwo muharew'akabarore, wari wahushije umunwa wanje maze wigonga kw'iyo cholla. Maze Ijwiry'Umwami riravuga riti: "Umwansi wawe yapfuye." Narahagaze aho, mpinda umushitsi.Nafashe ukuguru kwanje n'i-…

69 Mu bisanzwe ibikona vyari kuba vyawuriye. Inyuma y'iminsi mekya inyuma y'ivyo, narisheinzoka, yamaze iminota mirongo itatu kw'ibarabara. Hama hariho inkona n'ibikonabiyerera ng'aho, bica bigitwara ubwo nyene. Narishe ya nzoka y'ibibarabara, ni yonzoka y'akaga kurusha izindi dufise; yari irambaraye i ruhande yanje, iminsimike inyuma y'ivyo. Ngarutse kuyitora kugira ngo ndayishire ahabona, ibikona vyarivyayitwaye bugica, ibikona biguma bihayerera.

Rero uwo muhare wari urambaraye aho kuva mbonye rya yerekwa, iminsi ibiri imberey'aho; nibaza ko hari kuwa Gatandatu, hanyuma nduga hariya kuwa Mbere. Rerowari ng'aho, urambaraye warapfuye. Nca ndawukubita umugere.

70 Naciye nsubira inyuma aho hafi nyene, nongera ndicara; nicara aho, ndarira gato,hanyuma ndasenga; ndaba epfo kuri Tucson, ibilometero musi yanje.

Ndahindukira ndagaruka, wari ukiri aho. Igihe ninjira muri wa mwobo mutoya, Mpwemuw'Imana yongera kunzako.

Narazungurutse, maze Manuka uwo musozi. Ndinjira mbwira umugore wanje, ndavuganti: "Mukundwa, sinzi ngo ni gute, ariko ngiye gushika kw'iherezo ry'ibi."

Muganga Ravensworth, igihe yankorera ibipimo, yavuze ati:"Ntibishoboka rwose ko ukira." Yanteye urushinge rwa pentothal rwategerezwakumarako iminota itanu, hanyuma nca nsinzira amasaha cumi. Ivyo bintu rero,ndetse na aspirine irambangamira. Noneho ba…Yaranteye urushinge, acisha nyamuringoti mu muhogo. Nsubiye gutora ubwenge, ambwira bukeye bw'aho, arambwiraati: "Nyakwubahwa, ndababajwe no kukubwira ibi, ariko inshatoz'umushishito wawe ziragumye cane, zirumye." Sinigeze ndabibona;yakoresheje izina gastrite,nca ndagenda kuraba muri kazinduzi nsanga ivuga ngo: "ikintu cumye."Kandi ngo: "Ntushobora kuyikira." Yavuze ati: "Uzoyihorana." Kandi narikuba umuhungu adendebukiwe iyo ritaza kuba iryo yerekwa ry'Umwami.

71 Bukeye Ikintu kanaka kivuga kiti: “Subira ku musozi.”

Hanyuma uwo munsi aho kujana mu nzira imwe, ndongorerwa guca mu yindi nzira. Reronari mpagaze aho; nitegereza, mbona imbere yanye hari iyo numa igira indwi,inuma yera, iriko iranyitegereza. Nca nivyiringa mu maso, ndavuga nti: “Muvy'ukuri, ni iyerekwa; rwose ni ko biri.” Nditegereza, ndavuga nti: “We kanuma gato,uva he?” Yari nziza cane yera, yashobora kuba yari intunguru; uko biri kose, kukohari kure muri ubwo bugaragwa.

Imana Mushobora vyose, yazuye Yesu Kristo mu bapfuye, iyo mbereye umusavyi,n'Ijambo ryayo rirambitse hano rizinguruye imbere yanje, Irazi yuko ndiko mvugaukuri ata kubesha.

Ng'iyo rero nya numa, ihagaze aho iriko iranyitegereza. Naratambutsegato, ndiyumvira nti: “Ni ukuri, ni iyerekwa.” Narahindukije umutwe,nsubiza amaso inyuma, nsanga ni ho ikiri; ayo mababa matoya yari yera nk'urubura;ibirenge vyayo bito vyasa n'umuhondo;n'akanwa gato gasa n'umuhondo; ihagaze ng'aho iriko irandaba. Yariko iraba itumbereyei burengerazuba. Narayizurugurutse gurtya,sinashaka kuyikorako na gato. Narabandanije iyo nzira; nguma mpindukira kuraba,kandi yari ikiri ng'aho inyitegereza.

Mwene Data,nk'umuhungu wa Aburahamu, simfata nkama ivyo muganga yambwiye, ngiye gukira,uko vyogenda kwose!

72 Umunsi wagatatu nsubiyeyo, nariko ndaduga hejuru. Kandi benshi muri mwebwe murazi rya yerekwary'umukuru w'Umuhindi yariko yurira urukuta ruto i burengerazuba. Ikintu kanakakinkwegera ku rutare runini, nko mu masaha ya sasita, kivuga kiti: “Rurambikekoibiganza vyawe maze usenge.” Imana yo mw'Ijuru irazi ko ari ukuri.

Nshiraamaboko kur'urwo rutare, ndangamiza mw'Ijuru ntangura gusenga. Nca numva Ijwirivuye hejuru y'ivyo bibuye, rivuga riti: “Wegamitse iki ku mutima wawe?”Kandi nikazanura gutya, ibitugu vyanje vyari bigaragara; nt aco nari namabyekuva mu rukenyerero, nari natugutiwe. Nshubiza amaso inyuma. Kandi harihanditswe muri quartz,mw'ibuye, ngo: “Inkona Yera”; neza na neza ivyo iyerekwa ryari ryavuzeko Ubutumwa bukurikira bwozananyemwo.

Narinezerewe cane, nca niruka nja muhira; ntora kamera hanyuma ngaruka bukeye, ndabifotora.Vyari bikiri aho, vyanditse mu rutare ngo: “Inkona Yera.”(Inuma irongora inkona.)

73 Mu buryo kanaka, nda—ndabizi. Nzobabwira imbereyuko biba. Uwo muganga ni mwiza umu—umuganga mwiza, ata nkeka; ni—nibaza ko ariumuntu mwiza. Ariko ndazi—ndazi ko ngiye kubivamwo. Vyarangiye! Vyarangiye,kandi ngiye gukira!

Kandi nariko ndiyumvira mu gihe Ernie yaririmba iyo ndirimbo mu kanya gaheze, Ku Mababa y'Inuma. Umuziki wayo n'uwuhe?Ntangurira, Ernie.

…mababa…numayera,

Tuyiririmbane.

Imanaiduh'urukundo,

Ikimenyetsoco mw'Ijuru,

Kumababa y'Inuma.

Ntatahuyeigituma Ernie yagize ibitero ibiri. Ngiyekubashirirako ica gatatu.

Nowayari mu bwato,

Kumar'iminsimyinshi,

Yararondey'urusi,

Muburyo bwinshi;

Yarahuyen'ingorane,

Ntizavuyemw'Ijuru,

Imuh'ikimenyetso,

Kumababa y'Inuma.

Kumababa y'Inuma Yera,

Iman'iduh'urukundo,

Ikimenyetsoco mw'Ijuru,

Kumababa y'Inuma.

Yes'Umukizawacu,

Yavukiyemw'isi,

Muruhongore rw'inka,

Mubwato bwuhira,

Yaranswehano mw'isi,

Ntiyanswemw'Ijuru,

Iduh'ikimenyetso,

Kumababa y'Inuma.

Kumababa y'Inuma Yera,

Iman'iduh'urukundo,

Ikimenyetsoco mw'Ijuru,

Kumababa y'Inuma.

Narababayecane,

Muburyo bwinshi,

Nagumyentabaza,

Ijor'umurango,

Ukwizerakwanje,

Ntiyakwirengagije,

Yampay'ikimenyetso,

Kumababa y'Inuma.

Kumababa y'Inuma Yera,

Ôo,Iman'iduh'urukundo,

Ikimenyetsoco mw'Ijuru,

Kumababa y'Inuma.

Kumababa y'Inuma Yera,

Iman'iduh'urukundo,

Ikimenyetsoco mw'Ijuru,

Kumababa y'Inuma.

74 Mana nziza, ndagushimiye kubw'ibi bintu, Data. Nowa Waramuhaye ikimenyetso, isiWarayihaye ikimenyetso, naje Warampaye ikimenyetso. Bukeye, narabonye ya nkonaiguruka, Ô Mana, hariho Ubutumwa bugiye gusohoka ubu, kandi ndasavye, Mana, ngoUreke Inuma abe ari yo irongora. Bikore, Mwami. Vyandongoreye ku kwizera ntaribwigere ngira imbere y'aho. Ndabizi, Mana, ndazi ko bizogenda neza; rero ndabigushimiye,Data.

None uyu mugoroba, subira Urungike Ubutumwa bwawe, Mwami, ku mababa y'inumay'Ijambo. Bikore, Data mwiza wo mw'Ijuru. Kandi umuntu wese aza guca kur'ikigicaniro uyu mugoroba, no hakurya mu makoraniro hirya no hino mu gihugu, rekaya Numa yawe ihambaye y'ukwizera imanukire mu mitima yabo maze ibahe ukwizera,Mwami, kugira ngo bakire. Mwibuke ko Imana atawe yikundwakazako. Yarashoboye kurungikaUbutumwa kuri Nowa, Yaraburungitse kuri Yohana Umubatizi, Yarabundungikiye, Ishoborakuburungika ku bandi.

Ndasenze ngo Inuma iguruke mu mitima yose kano kanya, Mwami, hamwe n'umunwa wayomuto w'inzahabu, maze yongorere iti: "Kubw'imishishagu yiwe…kubw'ingumazanje no kubw'imishishagu yanje."

Mana, bikore ibicumuro vyacu bihanagurwe,ibigabitanyo vyacu tubiharirwe, kandi indwara zacu zikire. Biri mu biganza vyawe,Data. Mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

Hamwen'imitwe yanyu yunamitse umunota umwe gusa.

75 Ni bangahe hano bipfuza kuvuga, nimba mubishoboye kandi mushaka kuvuga ibi, ngo:"Mwene Data Branham, narakosheje ubuzima bwanje bwose. Narashaka gukoreraImana, ariko uyu mugoroba nditeguriye kumanika amaboko. Nsabira ku Mana, kugirango Inuma iguruke yinjire mu mutima wanje uyu mugoroba. Ndashobora kwumva ikubitaamababa yayo mu gihe yinjira"? Kirize ibiganza vyanyu, si ko? Ehe ikoraniroriboneka, bagenzi, mu nyubako yose.

Hanze mu makoraniro ari hirya no hino mu gihugu, hiyo ruguru kwa Mwene DataHunt na Mwene Data Coleman, kwa Mwene Data Leo n'abandi, epfo i Tucson, hakuryamw'Ihema rya Branham, hakurya y'Inkombe y'Uburengero, nimukirize amaboko hose:"Nshaka iyo Numa iguruke mu mutima wanje uyu mugoroba. Nzanira urukundo rwizarw'Imana ku mababa y'inuma yera nk'urubura, Mpwemu Yera. Mumpe, uyu mugoroba,Mwami, kandi ushire mu mutima wanje ukwizera nkeneye."

Mw'Izina rya Yesu Kristo, ndasavye, Mana, uduharire ivyaha vyacu. Ya Numayakomeretse yagarukanye Ubutumwa, Ô Mana, "Birarangiye!" Ivyo turavyizeye.Turasavye Uduhe gusa ukwizera kwo kuvyizera. Mw'Izina rya Yesu. Amen. Ku mababay'Inuma Yera,

Iman'iduh'urukundo,

Ikimenyetsoco mw'Ijuru,

Kumababa y'Inuma.

76 Iyo numa yaje iva he? Sinzi. Ntiyari kuba hariya muri burya bugaragwa nk'uko.Oya, oya! Oya, ntiyari kuba iri hariya. Kandi kubera iki yari yera? Data womw'Ijuru arazi ko yari umweru nk'iyi shati yanje. Yari ihagaze aho.

Arikoku mababa y'Inuma Yera,

Iman'iduh'urukundo,

Ikimenyetsoco mw'Ijuru,

Kumababa y'Inuma.

Kumababa y'Inuma Yera,

Iman'iduh'urukundo,

Ikimenyetsoco mw'Ijuru,

Kumababa y'Inuma.

Ôo, mbega ntimwiyumva muciye bugufi rwose? Reka turamukanye, kandi turirimbe.

Kumababa y'Inuma Yera,

Iman'iduh'urukundo,

Ikimenyetsoco mw'Ijuru,

Kumababa y'Inuma.

Reka dukirize ibiganza vyacu kuri Yo, mazetuyiririmbe.

Kumababa y'Inuma Yera,

Iman'iduh'urukundo,

Ikimenyetsoco mw'Ijuru,

Kumababa y'Inuma.

Nowayari mu bwato,

Kumar'iminsimyinshi,

Yararondey'urusi,

Muburyo bwinshi;

Yarahuyen'ingorane,

Ntizavuyemw'Ijuru,

Imuh'ikimenyetso,

Kumababa y'Inuma.

Kumababa y'Inuma Yera,

Iman'iduh'urukundo,

Ikimenyetsoco mw'Ijuru,

Kumababa y'Inuma.

Yes'Umukizawacu,

Yavukiyemw'isi,

Muruhongore rw'inka,

Mubwato bwuhira,

Yaranswehano mw'isi,

Ntiyanswemw'Ijuru,

Iduh'ikimenyetso,

Kumababa y'Inuma.

Kumababa y'Inuma Yera,

Iman'iduh'urukundo,

Ikimenyetsoco mw'Ijuru,

Kumababa y'Inuma.

77 Kuki jewe umutama, nacumukuye ubuzima bwanje bwose, kuki ubu Yankijije? Nizerako nzongera kujana iyi nzira, ntegerezwa kuzana Ubutumwa! Kandi ndabwira Data, uyumugoroba, nk'uko Junior yabibonye mu—mu nzozi mw'ijoro rimwe, y'amababa y'iyiNuma, iriko iraguruka muri aya madirisha hano, Mwami, umusavyi wawe arikoarasukurira igikorane. Amen, nditeguye!

Kumababa y'Inuma Yera,

Iman'iduh'urukundo,

Ikimenyetsoco mw'Ijuru,

Kumababa y'Inuma.

Reka twizere kano kanya ko iriko iraguruka hejuru y'ikoraniro.

Ku mababa y'inumayera…

Turarindiriye,Mwami.

Iman'iduh'urukundo,

Ikimenyetsoco mw'Ijuru,

Kumababa y'Inuma.

78 Mwebwe mufise amakarata y'amasengesho, kw'uru ruhande hano, nimwegere imberehano; haguruka, mwegere imbere kw'uru ruhande hano, hano gurtya.

Kumababa y'Inuma Yera,

Iman'iduh'urukundo,

Ikimenyetsoco mw'Ijuru,

Kumababa y'Inuma.

Abafise amakarata y'amasengesho muri uyu murongo, sohokane i bumoso bwanyu.

Kumababa y'Inuma Yera,

Iman'iduh'urukundo,

Ikimenyetsoco mw'Ijuru,

Kumababa y'Inuma.

Abo… [Agace katavuga kuri bande—Umw.]

Kumababa y'Inuma Yera,

Iman'iduh'urukundo,

Ikimenyetsoco mw'Ijuru,

Kumababa y'Inuma.

79 Irya numa yaturutse he muri burya bugaragwa? Nagira ngo mbabwire ibi: Imana yarabonyeko Aburahamu yari akeneye impfizi y'intama kubw'ikimenyetso, ni Yehova-Yire, "Uhorahoarashobora kwironkera ikimazi." Kuvyiyumvirako! Ya Mana nyene, kubwa kwa guhumekwanyene, kuri bwa bwoko nyene bw'abantu, Yarungitse inuma. Iracari Imana,Yehova-Yire ashobora gutanga ikintu cose Akeneye.

Mbega, mu gihe muriko muraca mu murongo w'amasengesho aka kanya, ntimwosaba Imanakubibahera ku mababa y'Inuma? Inuma, Mpwemu wa Mpwemu Yera, kugira ngo Abahe ukwizeramu mitima yanyu kwo kwizera yuko mugiye gukira.

80 Ndiko ndagerageza kubahagurutsa bose, murabona. Ndabaza kano kanya. Mwene DataBrown mu kibanza ciwe. Mwene Data Jack…Uvuze? [Mwene Data umwe avuganye naMwene Data Branham—Umw.] Ni vyiza, neza. Abo mw'aka gace hano babanze bazegurtya, aba bamaze kwitondeka ku murongo. Abo mw'aka gace baze baje inyuma yabo.Aba baze inyuma y'ibaba. Namwe nimuje inyuma y'aba hano, mwegere musengerwe.

Rero, ndazi neza ko uyu utaza kuba umurongo unyaruka, tugiye gufata umwanya gatokugira ngo dusengere vy'ukuri umwe wese, uko dushoboye.

Noneho, nagabanije ubutumwa bwanje gato (kandi mwese mwabibonye ivyo, murabona)kugira ngo nshobore kugira uyu murongo w'amasengesho. Uyu ni umurongow'icibutso mu kwubaha iminsi Mwene Data Jack Moore, Mwene Data Young Brown, igihemwareka abagore banyu bakagenda, hanyuma mukaza tukagenda muri California, tugacamuri Arizona (turi kumwe, duca mu bugaragwa), dusengera abarwaye.

81 Murazi? Hariho abantu bariho uyu munsi bari ku mpfiro ico gihe, ariko bakiriho kuberaako kigoro. Ni igiki cabikoze? Ivyo vyandurukije ugukiza indwara kw'Imana muriburi shengero riri mu gihugu, ubu ndetse n'Abaperesipiteriyano n'abandi. Ba…Vyarabugayeumunwa, kuko vyasavye ko Imana isiga amavuta umuntu umwe kugira ngo yiceGoliyati, kugira ngo yerekane ko bishoboka, hanyuma abasigaye baronka umwete(ni vyo) batera baja imbere. Birashobora kwongera gukoreka, kuko Iracarungikaurukundo rwayo ku mababa y'Inuma.

Bakristo, ndashaka ko mutega amatwi. Ndamutse mpagaze hano nkageragezakubabwira ibintu vy'indengakamere nabonye bishika no mu myaka itatu ishize, nobankiri hano uhereye uyu mwanya gushika kuwa Gatandatu uza, nkiriko ndababwira. Sinonabivugakocane, kubera ko bisa nk'aho bidashoboka, ariko ndakubwira Ukuri. Koko ni Ukuri.Tubayeho turi musi y'uburongozi bwa Yehova Ahambaye, Umwe Yari kumwe n'abavugishwamw'Isezerano rya Kera, kumwe n'Ishengero mw'Isezerano Rishasha, Ari hano uyumunsi Akura Umugeni mu Banyamahanga ku bw'Izina ryiwe. Nimuvyizere! Si ko ga bantu?Nimba mwarigeze kuvyizera, vyemere kano kanya. Uwo ni…Ndashaka ko mubikora. NtituziIbiza gushika uyu mugoroba. Ntituzi Ibiza kuba. Turindiranye gusa ukwitega.

82 Nyabuna, mw'Izina ry'Umwami Yesu, ndabibasavye nk'umusavyi wiwe. Ndabizi iyo murikomukorana n'amakoraniro, muba mufise ibintu vyose vy'urudavagi. Ariko nimba munyizerank'umusavyi wiwe, nimba hari agace na kamwe k'ugukekeranya (canke icaha ni—ni "ugukekeranya,ukutizera"), nimba hari agace na kamwe mu mutima wawe k'ivyo, saba Data abigukurekoaka kanya nyene. Murabona? "Mwami…" Hanyuma rero iyo muje n'ukwizera kw'ukuri…Uburero, ibiganza vyanje nta na kimwe bisobanura kiretse Ivyo bibanje kugukubitaubwa mbere; rero bije, biramurika, ugaca ukira. Ni vyo, uca umenya ko uzokira. Murabona,uzovyizera.

83 Rero kano kanya ngiye kubasengera mwese. Nuko ubu…Nimwakora ibi, murambikanekoibiganza, bityo turaza…Musengere umuntu muzoba mwarambitseko ibiganza, hanyuma ndabacishamu murongo. Rambika ibiganza vyawe ku muntu ari kumwe nawe mu murongo.

84 Mana nziza, nta—nta bundi buryo nzi bwo kuvuga ibi, Mwami. Nzi kuvuga gusa ivyonzi ko ari Ukuri, kandi Uri icabona canje uyu mugoroba ko mvuga Ukuri. Ukwizerakwanje, Mwami, n'ugukira kwanje muri

kazoza; sinzi ngo ni ryari, sinzi ngo nigute, sindabitahura; ariko ndavyizera, Mwami, yuko naronse ikimenyetso comw'Ijuru. Iyo numa y'indwi amaherezo yarageze hano, santimetero ya cumi n'indwiisa n'iyarangiye kur'ako gakoko. Vyararangiye!

Mana, nshaka gusukurira abantu bawe. Ndasavye rero, Mana, ngo Udusige amavutarwose uyu mugoroba kugira ngo umuntu wese turambikakw'ibiganza, baze gukira; atarikubera ari twebwe, ariko kubera ari gukurikiza itegeko ryawe. Wavuze uti: "Ibibimenyetso bizokurikira abizera." Mwami, mfasha kwizera, kandi fashe imitimayabo ubutaka bwiza bw'ukwizera. Kandi reka twese hamwe, kubw'icubahiro c'Imana,umuntu wese urwaye n'uwubabaye ari mur'iyi nyubako (canke inyubako ziri mugihugu cose) yubahiriza aya mategeko aka kanya, aze gukira. Ni mw'Izina ryaYesu Kristo, ndabisavye. Amen.

85 Mugire ukwizera; mwese musengere hamwenatwe. Ubu rero, uyu si umurongo wo gusuzuma amabanga.

[Agace katavuga kuri bande—Umw.] Akabonge, ubwoba, ndazi ico ibi…[Mushiki wacuumwe avugishije Mwene Data Branham.] Uwo mugorwa muto, avuze ko atigeze agiraamahoro mu buzima. Bimwe nagira… Ntashobora gusinzira, arahagarika umutima, uruhagarara.

Mana nziza, nshingira intahe Mwami, yuko navuze Ukuri. Mbega ukuntu niyumva kubw'uyumugore muto! Ndasenze, Mana, ngo Umurungikire uyu mugoroba, uwo muco w'ukwizerakuva mw'Ijuru kumwe kuzi yuko Utegekwa kw'Ijambo ryawe, kandi ko UzokwubahirizaIjambo ryose. Imana yo mw'Ijuru ikureho ubwo bwoba kuri Mushikanje. Kandi ndakwumviyemu kumurambikako ibiganza ndabucirakw'iteka. Mw'Izina rya Yesu Kristo, bimuveko.Amen.

Kano kanya raba Mushikanje, unyizere kano kanya, hamwe ushoboye guhera hano, kumusaraba. Kuva uyu mugoroba, hakana ukibufise. Urabona, genda uvuga uti: "Sinkibufiseukundi," hanyuma buzokuvako.

86 Mushiki wacu Palmer. [Mushiki wacu Palmer avuganye na Mwene Data Branham—Umw.] Ego.Mushiki wacu, Mushiki wacu Palmer; umugabo wiwe ni incuti yanje magara, umukoziw'Imana wo muri Georgia canke Alabama, Georgia—Georgia. Rero yariko aradugakw'ihema…Bagenda n'imodoka, iyo ndiko nigisha hariya ruguru kw'ihema, ibilometeroibihumbi bibiri n'amajana ane kugira ngo bakurikirane igikorane kimwe. MweneData Palmer imodoka yiwe yaramwankiye, nako umuhungu wiwe umwe, mu gihe barikobarakata mw'ikorosi, maze baca bagira isanganya. Ivyo rero vyaramugize ingaruka.

Rekadusenge.

87 Mana nziza, rokora uyu musavyi wawe, umugore wiwe muto, umukozi mutow'umwizigirwa, w'ukuri muri Kristo, ndasavye, Mana, mu gihe ndambitse ibiganzakuri we, hamwe na Mwene Data wanje Jack Moore hano, ngo Umukize maze amererweneza. Mw'Izina rya Yesu. Amen.

Imanaiguhezagire!…?…

Mu kirenge c'iburyo, kandi uramuserukiye? Umuhungu wiwe muto afise ubumuga,afise ububabare mu mushishito no mu mugongo.

Rekadusenge.

Mana nziza, reka ya Numa yera derere imanuke mu mutima wiwe kano kanya, "Yacumitiweivyacu bicumuro, Yajanjaguriwe ivyacu bigabitanyo, kandi imishishagu yiwe ni yoidukiza." Ndasaba ibi ngo bibe kuno kuri Mwene Data wacu n'umuhungu wiwe muto,mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

88 Kumeneka umutwe bikabije, n'indwara y'amaguru imubabaza ariko akora.

Mana nziza, nuhe umuhezagiro wawe ukiza uyu musore, mu gihe twebwe nk'abakozib'Imana turamurambitseko ibiganza. Mw''Izina rya Yesu Kristo. Amen.

Afise indwara y'abakenyezi, ikindi kandi ashaka Umubatizo wa Mpwemu Yera.

Mana nziza, mu gihe nguhaye iri sengesho ry'ukwizera kuw'uyu mukenyezi muto, rekaindwara y'abakenyezi imuveko, reka Umubatizo wa Mpwemu Yera uzire ku mababay'Inuma, mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

Imanaiguhezagire, Mushiki wacu.

Ikivyimba mu jisho ryiwe, no ku mukunzi wiwe.

Mana nziza, Urazi imitima y'abantu. Ndagusavye Data, mw'Izina rya Yesu, ngo Wishureuyu mutwaro uyu Mwene Data yatanze; hamwe n'ukwumvira Ijambo ryawe mu kumurambikakoibiganza. Mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

Imanaiguhezagire, Mwene Data.

Afise ikivyimba mu rubavu rw'i bumoso, kandi ijwi ryiwe rimeze nabi.

Mukundwa Yesu, ndagusavye ngo Ukize uyu Mushiki wacu; tumurambitseko ibiganzamw'Izina rya Yesu Kristo, kugira ngo gukira kwiwe kubeho. Amen.

Imana iguhezagire,Mushiki wacu.

Koko, Mushikiwacu, ndabona ibibazo vyawe, kuvyimba ingingo. [Uwo Mushiki wacu avuganye naMwene Data Branham—Umw.] Amaguruavyimvye, amara, n'ijisho ry'ikirenge ryavuye mu kibanza.

Ô Mana Data,kiza uyu mugore w'igiciro kinini, Mwami, ndasenze, mu gihe ndamurambitsekoibiganza mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

Imana iguhezagire,Mushiki wacu; n'uko nyene, bizoba.

Ivyomuravyumva, si ko, kuri mikoro? Umuntu wese ari…umuhinga, nimba woduza ijwigato, ikoraniro rigashobora kwumva intahe yabo…nako ivyo bavuga mu gihe baza. Mubasengereigihe muba muvyumvise; ntanguye gusenga, muce musengana nanje.

Mana nziza,ndasengeye uyu Mushiki wacu, kugira ngo Umukize, Mana nziza. Ibi turikotubikora kubera ari itegeko ryawe. Mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

Uhezagirwe, Mushikiwacu.

89 Mana nziza,Urumvise iyo ntahe, Urumvise ivyo umwansi yamukoreye. Turiko tugerageza gufataIzina rya Yesu dutsinda uyu mwansi; aza yaramaze gutsindwa kubera ya Numayacumitwa, ikajanjagurwa, yaguye ku mbuga y'Inzu y'Imana ifise Ubutumwa buvugango: "Birarangiye!" Bikore, reka avyizere, Data, mw'Izina rya Yesu.

Mana nziza,ndagusavye ngo Uzakize ibi uyu Mushiki wacu. Reka ya Numa y'Imana ishingireintahe kuri we uyu mugoroba iri joro yuko Yabimukoreye, kugira ngo akire. Mw'Izinarya Yesu. Amen.

Mana nziza, ndarambitse ibiganza kuri Mwene Data wanje ahagaze hano. Yagize ukwizeraguhagije kugira ngo agere ino hose, Mwami, kano kanya reka yakire ugukira kwiwemaze asubire mu ntebe yiwe yakize. Mw'Izina rya Yesu.

Mana nziza, ndasengeye Mwene Data wacu, ndamurambitseko ibiganza. Fasha, Mana Mukundwa,ngo ukwizera kw'Imana gushinga imizi ibwina mw'uyu mwanya; maze abe nkaAburahamu, yafata ivyo bintu nk'aho bita—bitabaho, kuko Imana yari yarasezeranye.Mw'Izina rya Yesu. Amen.

Imanaiguhezagire.

90 Mana nziza, Ni Wewe ushobora gufata ingingo y'ukuri. Ndasenze, Mana mukundwa,nk'uko uyu mukobwa akiri muto yabisavye, avyakire mw'Izina rya Yesu Kristo.Amen.

Mana nziza, ndarambitse ibiganza vyanje kuri Mushiki wacu mu kwumvira ivyo Wavuzegukora. Ibi bidusubiza inyuma mu myaka myinshi, Mwami, kuva tugitanguraumurongo w'amasengesho nk'uku; gusa turazi ivyabaye ico gihe, turazi ko Uri yaMana nyene uyu munsi hamwe abantu bashoboye kugira kwa kwizera nyene uyu munsi.Nsenze mw'Izina rya Yesu kubw'ugukira kwa Mushiki wacu. Amen.

Mana nziza, ndarambitse ibiganza vyanje kuri Mwene Data wanje hano ndamusabira ugukira,mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

Data, ndazanyeimbere yawe kw'uyu mugoroba uyu Mushiki wacu, ndamurambitseko ibiganza ngo nshingireintahe yuko mpagaze nk'icabona c'Ubushobozi bwawe, mpagaze nk'icabona c'amayerekwayawe, Ijambo ryawe, kandi ndi icabona c'uko Uri Imana. Rero ndamurambitseko ibiganzamu kwubahiriza Ijambo ry'Imana yanje, ndamusabira ugukira. Amen.

91 Mana nziza, ndambitse ibiganza vyanje kuri Mwene Data wanje muri ubwo buryo, nk'icabonac'Ubushobozi bwawe ndamusabira ugukira mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

[Agace katavuga kuri bande—Umw.] "Ni iki?"

Yavuze ati: "Uwukiza." Yavuze ngo "Umugabo aturutse ahantu kanaka, ruguru muri Arkansas,yari yarakize muri ico gitondo, umufundi w'ibirato w'impumyi." Iyo nkurumurayizi. Vyaraciye ku nsambirizi.

Hanyuma navuze…Niyumviriye… Nigize indyarya. Navuze nti: "Ntiwizera ko Ukuri?"

Na we ati: "Ego, mushingantahe, ndavyizera."

Ndavuga nti: "Urizera ko uyu munsi aho Imana yokora ibintu nk'ivyo,igihe…"

Avuga ati: "Mushingantahe, numvise ikiganiro c'ivy'ugusenga." Yavuzeati: "Ndi Umukristo." Yagize ati: "Numvise ibiganiro, numvise uwo mugabo wohiyo ruguru yakize muri iki gitondo, wa mufundi w'ibirato w'impumyi. Baramwirukanyemw'ishengero, yaguma avuza induru nyinshi, ava mw'sihengero aja mu rindi. Yagumaazungurutsa inkofero yiwe ku nkoni, akwiragira mu mashengero, mu bantu bose bomu gisagara, agenda asemerera: 'Nakize! Ndakize! Umufundi w'ibirato w'impumyi."

Navuze nti: "None ivyo uravyizera?"

Ahagarara aho gato, akanyanyazi kariko karanyanyaga, avuga ati: "Mushingantahe,hamwe wonshikana aho ari, aho noba mbonye dawe." Nca niyumva hafi nk'uku.

Ndavuga nti: "Birashoboka ko ari jewe uriko urarondera."

Arambwira, amfata kw'ikoti, ati: "Ni wewe wa muntu akiza?"

Nanje nti: "Oya, Mushikanje, ariko ndi Mwene Data Branham."

Yavuze ati: "Ngirira imbabazi!"

Ncaniyumvira kuri wa mutama w'umworo Fanny Crosby, "Mu gihe Uhamagara abandi, nanje tunsige." Murabona, Yari yakijijeumwe, Yarashobora kumukiza na we.

Naciye ndambika ibiganza ku maso yiwe, ndavuga nti: "Mukundwa Yesu, umunsi umweYamanutse mw'ibarabara agwa inzura n'umusaraba wa kera, ibitugu vyuzuye amaraso,uwo mubiri muto unyunyutse wari ugeramiwe musi y'uwo mutwaro. Umugabo umwew'umwirabure yitwa Simoni Umunyakurene, araza afata uwo musaraba, amufasha kuwikorera.Ndazi neza ko ivyo Uvyibuka, Data. None umwe mu bana biwe arikoaradandabagirana hano mu mwijima, ndazi neza ko Ubitahura."

Aca avuga ati: "Imana ihabwe icubahiro! Ndashoborakubona! " Uh-huh.

Ndavuga nti: "Urashobora kubona?"

Na we ati: "Egome, mushingantahe."

Ndamubwira nti: "Harura arya matara." Aca arayaharura. Ndamubaza nti: "Nambayeikoti isa gute?"

Anyishura ati: "Wambaye ikoti isa n'umunyota, hamwe n'ikaruvati y'umuhondo." Vyarivyo, yari ashoboye kubona.

Ôo, Imana irubaha ukwicisha bugufi. Uh-huh.

Ico ubwaco ni co kizovamwo kandi gitume haba yantsinzi y'agahebuza mu Rukundo rw'Imana.

Mana nziza, gira imbabazi maze Ukize Mushikanje, mw'Izina rya Yesu Kristo.Amen.

92 Mana nziza, nk'uko mfashe iki kiganza c'intege nke cuzuye iminkanyari, ni Wewewenyene Uzi ivyaciye hano. Ndasenze, Mana mukundwa, ngo iki kiganza nyene mfisekano kagoroba gihobere nka vya biganza vy'intege nke vya Simeyoni wa munsi, avugaati: "Mwami, reka umusavyi wawe agende amahoro, kuko ubu mbonye agakiza kawe." Nibimuzeko,Mwami, agakiza kawe, kandi Umukize mw'Izina rya Yesu. Amen.

93 [Agace kagaragara kuri bande—Umw.] Muribwa butumwa Urubanza, eregaUmushingantahe Kutizera yaragirije Yesu Kristo. Muribuka Urubanza? Ukuntu intuze…Bari bafite aba—abashingwamanza n'ibintu vyose,n'abashigikira abo bashigikira. Kandi twari dufise u—umwagiriji, Satani, yari agiyekugira ivyo yagiriza; ukuntu urubanza rwabandanije.

Maze umwearavuga, Mushingantahe Gukekeranya, araza, avuga ati: "Narumvise umuvugabutumwaavuga ngo: 'Siga abarwayi amavuta y'isigwa, Bibiliya irabivuga.' Narasizwe ayo mavuta,sinakize. Uwundi yavuze ngo: 'Rambika ibiganza ku barwaye, bazokira.'" Yarikoagerageza kwagiriza.

Ariko icabonacaraje, avuga ati: "Imana yababwiye iti: 'Mwari kuba…''' "Avuga ati:"Haheze amezi atandatu bandambitseko ibiganza, kandi Ijambo ryawe rivugango 'Rambika ibiganza ku barwaye, na bo bazokira.' None ibiganzavyarandambitsweko n'umwe mu basavyi bawe basizwe amavuta, none sindakira. Kubw'ivyo,Uri umwangushi, kuko Ijambo ryawe si ukuri mu vyo rivuga."

94 Igihe rero icabona caza, ukuri kwari uku, ngo: "Ijambo ryayo ni ukuri. Ntiyigeze Ivuga igihe Yobikoreye,Yavuze Iti: 'Ibi bimenyetso bizokurikira abizera; nibarambika ibiganza kubarwaye, bazokira.' Murabona? Nimurabe, ivyo ni vyo Yavuze, 'Bazokira.' Nimbarero ari igitangaza kiberaho uyo mwanya nyene canke nimba ari kwumvira Imanagusa, ivyo ni ivyayo n'umuntu ku giti ciwe. Murabona? Ariko nimba umuntu kugiti ciwe avyizera, sinitayeho igihe bitwara. Yabwiye Aburahamu Iti: 'Ugiye kuvyarakuri Sara.' Uwo mwana ntiyigeze aka kumara imyaka mirongo ibiri n'itanu.Yabwiye Nowa ko imvura yari 'igiye kugwa.' Nowa yarabaje umwuzure…u—ubwato abubazirauwo mwuzure, imyaka myinshi, imyaka myinshi imbere

yuko umwuzure uza, arikoyari azi ko imvura yari igiye kugwa. Bibiliya yavuze iti: 'Isengesho ryw'ukwizerarizokiza abarwaye, kandi Imana izobavyura.' Ryari? Ntaho Yavuze. Imanairagororotse, ni Iy'ukuri, nimusome gusa ivyo Ijambo ryayo rivuga."

Ni vyonakoze uyu mugoroba, narambitse ibiganza ku barwaye. Noneho, ndizera ko umwe wese muri bo azokira. Ndizera,umwe wese muri bo. Namwe mwizera ivyo nyene? Rero nimwizere kubw'abo bantubababaye.

95 Hano hariho umudamu muto, bisa nk'aho ndamuzi, namusengeye ku mugoroba w'ejo, hanomu murongo w'amasengesho. Yitwa nde? Chambers…Chambless. Iyaba uyo mudamu muto yariameze—yari ameze neza bisanzwe, atababaye, mu vy'ukuri yari kuba ari umugoremwiza. None yicaye ng'aho, ariko arajugumira. Mw'uyo mukobwa harimwo impwemunziza y'igikundiro. None yicaye aho ariko arajugumira nk'uko. Ôo, mbega ukuntuivyo bimbabaza mu mutima. Ese ukuntu nari nipfuza…ese ukuntu nogize gusa!

Ehe akana gato, umukenyezi yicaye hano akareze. Ururimi rwako ruto ruri hanze,umubiri wako muto urababaye. Vyogendagute se iyaba uwo yari Yosefu wanje muto? Vyogenda gute se iyaba ari umwuzukuruwanje muto Paul? Bite se iyaba urya yari Rebeka yicaye hariya inyuma, cankeSara? Bite se iyaba Muka Simpson hano yari umugore wanje Meda? Uyu musore yicayehano akaba yari Billy Paul? Uyu mutamakazi hano akaba yari mama? Mwibuke, niumwana w'uwundi muntu kanaka, mushiki w'umuntu kanaka, umukobwa w'umuntu kanaka,n'umuhungu w'umuntu kanaka. Murabona? Ndi Mwene Data wabo, We ni Umukiza wacu.Ivyo nshobora gukora vyose…ukwizera mfise kwatanzwe kubwabo. Ivyo ni vyo nzi gusa.

96 Rero, Umwami arashobora kunyereka iyerekwa, Yombwira ingora y'umwe wese muribo. Ivyo ndashobora kubibagaragariza, murabona, murabizi. Ariko ivyo ntibibakiza.Ivyo ntibibakiza. Oya, gitegerezwa kuba ikintu cinjira muri bo, murabona. Kandindizigiye yuko…

Ni nk'uko nshobora kuduga hano ngafata umwe wese muri mwebwe nkamubatiza mw'Izinary'Umwami Yesu Kristo, ivyo si vyo bibaharira ivyaha vyanyu. Oya, oya! Oya, sinizerako umubatizo wo mu mazi mw'Izina rya Yesu Kristo yuko uvukisha bushasha; nizerako Amaraso ari yo avukiza bushasha, murabona, atari—atari amazi. Ariko nimurabe,ndashobora kubatiza nkongera nkabatiza, gusa umanuka uri umunyavyaha yumye, ukavayouri umunyavyaha ajovye; murabona, kugeza wihannye neza. Nimwihane, maze mubatizwemw'Izina rya Yesu Kristo. Murabona? Kandi aho ni ho ntandukaniye n'umuhariw'Abanyabumwe. Si kubatiza kubw'ukuvuka bushasha, oya; nizera ko Amaraso ari yoyeza, atari amazi. Murabona? Ukwihana,hanyuma ukabatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo.

97 Kano kanya ndamanutse gusenga. Kandi aba bantu ni ab'igiciro kuri mwebwe nk'ukobari kuri jewe, kumbure binarenze birenze kubera ico dupfana.

Kano kanya twese hamwe dufatanye amaboko yanyu mu kwizera, n'ukuboko kwanje mu kwizera,tumanure ibiganza vy'Umwami Yesu ngo abirambike kur'aba bagorwa bamugaye. Murasengananje?

[Agace katavuga kuri bande—Umw.] Abafise udutambara kubw'abarwaye n'abababaye, murashoborakudutora inyuma y'igikorane. Rero mumfashe gusengera aba, si ko?

Mana, turagushimiye, Mwami, kubw'ivyo Wakoze uyu mugoroba. Tubaye turagushimirakubwo gukira kw'umuntu wese yaciye mu murongo. Mana nziza, ndasengeye utu dutambara,kumbure kuri bamwe batoshobora no kuza mu gikorane, hanyuma abakundwa babo bakababazanye udutambara. Muri Bibiliya twigishwa yuko bakoza ku mubiri wa Paulo, udutambaracanke imishwaro. Rero, abo bantu bo mw'ico gihe bari barabaye mu Nyonga zawe,bari barakubonye mw'ibarabara, bari barakubonye mu makoraniro yabo, kandi bari babonyeumwe Mpwemu nyene wawe kuri Paulo. Kandi baramenye yuko atari urya muntu, yariMpwemu wawe yaganza ubuzima bwiwe, kuko tubona Paulo akora bimwe nyene Wakora.

None ubu, Mwami, abantu b'iki gihe babona ya Mana nyene iba mw'Ishengero ryayohamwe n'abantu bayo. Kandi bazanye utu dutambara, kugira ngo dukurwe hano tujanwaku bakundwa babo. Bikore, Mana, ku buryo umwe wese muri bo aze gukira mu buryobwawe. Nta kintu na kimwe dusaba ngo gikoreke mu buryo kanaka canke kimezeukuntu kanaka; tubisavye gusa, "Mu buryo bwawe, Data, ubakize." Kubw'icubahiroc'Imana, nshikirije iri sengesho ry'ukwizera kuri bo. Mw'Izina rya Yesu Kristo.Amen.

98 Nagize ibihe vyiza vy'isangira irya n'inoy'ukwizera kwanyu, ukubaho kwanyu muri Yesu Kristo. Iki kizoba igikorane nzokwamanibuka c'ivyabaye: urukundo, ugukorana, isangira.

None ubu, kugeza aho tuzongera kubonana, Imana yo mw'Ijuru ibarongore. ImweItuma inyenyeri zimurika mw'ijoro kugira ngo ziboneshereze inzira igihe igenda izamwoumwijima, reka Imurikire inzira yanyu nay a Nyenyeri y'i Betelehemu kugira ngo Ibarongoreremu buzima bwo kwishikana rwose mw'Ijambo ryayo, ni ryo sengesho ryanje.

Kugez'ahotuzobonana,

Ahotuzobana na Yesu,

Kugez'ahotuzobonana,

Yes'abehamwe na we hose!

Kano kanya reka dugahuruke. UkwizeraKwanje Kuraba Wewe…?...Emwe jewe, ndayihindura. Nibaza ko ari vyiza.(Munyihanganire.)

Ukwizerakwanje kuraba Wewe

WeweMwagazi w'Intama w'i Gologota,

Mukiza-Mana;

Wumveugusenga kwanje,

Unkurekoivyaha vyanje vyose,

ÔUreke uhereye uyu munsi,

Mbeuwawe rwose!

99 Kano kanya reka turamukanye mu gihe turirimba:

Mugihe ngendera mu nzira yijimye y'ubuzima

Umubabarowiyongera hirya no hino,

UmbereUmuyobozi;

Umwijimauwuhindure umurango,

Uhanagureamarira y'akababaro,

Kandintundeke

Ngonkuje kure.

Mwiyumva neza kano kanya, si ko?

Kumababa y'Inuma Yera

Iman'iduh'urukundo,

Ikimenyetsoco mw'Ijuru,

Noneku mababa y'Inuma.

Kumababa y'Inuma Yera

Iman'iduh'urukundo,

Ikimenyetsoco mw'Ijuru,

Kumababa y'Inuma.

Ubu ni ubutumwa bwacu bwo kurangiza ibi bikorane.

Kumababa y'Inuma Yera

Iman'iduh'urukundo,

Ikimenyetsoco mw'Ijuru,

Kumababa y'Inuma.

100 Twunamike imitwe yacu. Mu gihe amapine aza kugenda arahibongoza iyo ndirimbo murikomurataha, ndizera ko bizoba…muraza kwumva uguhibongoza kw'amapine, umuhindow'imoteri.

Kumababa y'Inuma Yera

Iman'iduh'urukundo,

Ikimenyetsoco mw'Ijuru,

Kumababa y'Inuma.

[MweneData Branham ahibongoje Ku Mababa y'Inuma.—Umw.]

…y'InumaYera

Iman'iduh'urukundo,

Ikimenyetsoco mw'Ijuru,

Kumababa y'Inuma.

Hamwe n'imitwe yanyu yunamitse, ndabashikirije Mwene Data Nolan.

MESSAGE hub online

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7